REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

**LOI N°1/ 04 DU 28 FEVRIER 2025 PORTANT REGIME DES ZONES ECONOMIQUES SPECIALES DU BURUNDI**

---

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n°1/015 du 31 juillet 2001 portant Révision du Décret-loi n° 1/30 du 31 août 1992 portant Création d'un Régime de Zone Franche au Burundi ;

Vu la Loi n°1/021 du 30 décembre 2005 portant Protection du Droit d'Auteur et des Droits Voisins au Burundi ;

Vu la Loi n°1/13 du 28 juillet 2009 relative à la Propriété Industrielle au Burundi ;

Vu la Loi n°1/06 du 25 mars 2010 portant Régime Juridique de la Concurrence ;

Vu la Loi n°1/03 du 04 janvier 2011 portant Système National de Normalisation, Métrologie, Assurance de la Qualité et Essais ;

Vu la Loi n°1/09 du 30 mai 2011 portant Code des Sociétés Privées et à Participation Publique ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**IBWIRIZWA INOMERO 1/04..RYO KU WA.28.RUHUHUMA 2025 RYEREKEYE UTURERE NGWIZABUTUNZI TUDASANZWE TWO MU BURUNDI**

---

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/015 ryo ku wa 31 Mukakaro 2001 risubiramwo Itegeko bwirizwa inomero 1/30 ryo ku wa 31 Myandagaro 1992 rishinga amategeko agenga akarere gatanga uturusho tw'amakori mu Burundi ku bigenewe gushorerwa ahanini hanze y'igihugu ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/021 ryo ku wa 30 Kigarama 2005 rikingira uburenganzira bw'uwitirirwa igikorwa n'uburenganzira bufitaniye isano n'ubwo mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/13 ryo ku wa 28 Mukakaro 2009 ryerekeye itunga mvabwenge rijanye n'ibihingurwa mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/06 ryo ku wa 25 Ntwarante 2010 rishinga amategeko yerekeye ihiganwa mu budandaji ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/03 ryo ku wa 4 Nzero 2011 rishinga ingene Igihugu gishiraho amategeko agenga ibidandazwa, hasuzumwa ko ibipimo bikwije ibisabwa n'amategeko, hagenzurwa akaranga k'ibidandazwa n'ingene hashirwaho ubuhinga bwo kubisuzuma ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 30 Rusama 2011 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga amashirahamwe y'abikorera utwabo n'ayo Reta ifisemwo imitahe ;

| | |
|---|---|
| Vu la Loi n°1/13 du 9 août 2011 portant Révision du Code Foncier du Burundi, telle que modifiée à ce jour ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/13 ryo ku wa 9 Myandagaro 2011 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi nk'uko ryagiye rirahinduka gushika ubu ; |
| Vu la Loi n°1/02 du 26 mars 2012 portant Code de l'Eau au Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 26 Ntwarante 2012 rishinga Igitabu c'amategeko agenga amazi mu Burundi ; |
| Vu la Loi n°1/01 du 16 janvier 2015 portant Révision de la Loi n°1/07 du 26 avril 2010 portant Code de Commerce ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 16 nzero 2015 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 26 Ndamukiza 2010 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ubudandaji ; |
| Vu la Loi n°1/09 du 12 août 2016 portant Code de l'Urbanisme, de l'Habitat et de la Construction au Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 12 Myandagaro 2016 rishinga Igitabu c'amategeko agenga itunganywa ry'ibisagara, uburaro n'inyubako mu Burundi ; |
| Vu la Loi n°1/27 du 29 décembre 2017 portant Révision du Code Pénal ; | Yihweje Ibwirizwa n°1/27 ryo ku wa 29 Kigarama 2017 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha ; |
| Vu la Loi n°1/19 du 19 juillet 2019 portant Modification de la Loi n°1/14 du 27 avril 2015 portant Régime Général des Contrats de Partenariat Public-Privé ; | Yihweje ibwirizwa inomero 1/19 ryo ku wa 19 Mukakaro 2019 rihindura Ibwirizwa inomero 1/14 ryo ku wa 27 Ndamukiza 2015 rishinga uburyo hagirwa amasezerano y'ingene Reta ikorana n'abikorera utwabo ; |
| Vu la Loi n°1/11 du 24 novembre 2020 portant Révision du Décret-loi n°1/037 du 7 juillet 1993 portant Révision du Code du Travail du Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 24 Munyonyo 2020 risubiramwo Itegeko bwirizwa inomero 1/037 ryo ku wa 7 Mukakaro 1993 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ; |
| Vu la Loi n°1/14 du 24 décembre 2020 portant Modification de la Loi n°1/ 02 du 24 janvier 2013 relative aux Impôts sur les Revenus ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/14 ryo ku wa 24 Kigarama 2020 rihindura ibwirizwa n°1/02 ryo ku wa 24 Nzero 2013 rigenga amakori avuye ku bikorwa no ku mwimbu ; |
| Vu la Loi n°1/09 du 25 mai 2021 portant Modification du Code de l'Environnement de la République du Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 25 Rusama 2021 rihindura Igitabu c'amategeko agenga ibidukikije mu Burundi ; |
| Vu la Loi n°1/19 du 17 juin 2021 portant Modification de la Loi n°1/24 du 10 septembre 2008 portant Code des Investissements du Burundi ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/19 ryo ku wa 17 Ruheshi 2021 rihindura Ibwirizwa inomero 1/24 ryo ku wa 10 Nyakanga 2008 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ishingwa ry'imitahe mu Burundi ; |

Vu la Loi n°1/22 du 05 novembre 2021 portant Révision de la Loi n°1/11 du 14 juillet 2009 portant Création, Organisation et Fonctionnement de l'Office Burundais des Recettes ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/22 ryo ku wa 05 Munyonyo 2021 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 14 Mukakaro 2009 rishinga Ikigo c'Igihugu kijejwe gutoza amakori n'amatagisi yinjira mu kigega ca Reta, ingene gitunganijwe n'ingene gikora ;

Vu la Loi n°1/19 du 04 août 2023 portant Modification de la Loi n°1/21 du 15 octobre 2013 portant Code Minier du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa Inomero 1/19 ryo ku wa 4 Myandagaro 2023 rihindura Ibwirizwa Inomero 1/21 ryo ku wa 15 Gitugutu 2013 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ubutare mu Burundi ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**PROMULGUE :**

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

## IGICE CA I : INGINGO NGENDERWAKO

### Section 1 : De l'objet et du champ d'application

### Agace ka 1 : Intumbero y'iri bwirizwa n'ivyo ryerekeye

**Article 1 :**
La présente loi a pour objet de fixer les règles de création, de promotion, de développement, de gestion, d'exploitation, d'administration, de contrôle et de régulation des Zones Economiques Spéciales, ZES en sigle.

**Ingingo ya 1 :**
Iri bwirizwa rifise intumbero yo gushiraho amategeko akurikizwa mu gushinga, kumenyekanisha, guteza imbere, gutunganya, gukoresha, kurongora, gusuzuma no mu gucungera uturere ngwizabutunzi tudasanzwe, ZES mu mpfunyapfunyo y'igifaransa.

**Article 2 :**
La présente loi s'applique à toute personne physique ou morale, publique ou privée, qui opère dans les ZES, qu'il s'agisse de l'administrateur des ZES ou des acteurs privés des ZES ainsi qu'à tout personnel des ZES.

**Ingingo ya 2 :**
Iri bwirizwa rikurikizwa ku bantu canke ku mashirahamwe ya Reta canke ay'abikorera utwabo bakorera mu turere ZES, yaba urwego rujejwe gutunganya uturere ZES canke abikorera utwabo bakorera mu turere ZES hamwe n'abakozi bose ba ZES.

## Section 2 : Des définitions

**Article 3 :**
Au sens de la présente loi, on entend par :

1. **acteur privé des ZES**, une entité exerçant les fonctions de promotion, développement, aménagement, gestion et exploitation des ZES ou entreprises installées dans les ZES ;
2. **administrateur des ZES**, une entité en charge de l'administration des ZES ;
3. **agrément**, une autorisation écrite délivrée par l'administrateur des ZES à laquelle est annexé un cahier des charges, moyennant le paiement de redevances, conférant à son titulaire le droit d'exercer une activité dans la ZES et de bénéficier des incitations, des avantages, des privilèges et des exonérations prévus par la présente loi ;
4. **autorisation d'installation**, un acte délivré par l'administrateur des ZES permettant l'installation d'une entreprise dans une ZES, mais sans ouvrir le droit à bénéficier des incitations, des avantages, des privilèges ou des exonérations prévus par la présente loi ;
5. **comité paritaire des ZES**, un comité paritaire public-privé créé par décret, chargé de la régulation des ZES, de la médiation ou de la conciliation entre les acteurs évoluant dans les ZES ;
6. **contrat d'aménagement**, un contrat ayant pour objet l'aménagement de la ZES, le développement d'infrastructures de base, de services publics ou privés, la construction de bâtiments ou de hangars à destination des acteurs des ZES ;

## Agace ka 2 : Insiguro y'amajambo

**Ingingo ya 3 :**
Muri iri bwirizwa aya majambo asigura uku :

1. **abikorera utwabo mu turere ZES,** ni urwego rujejwe kumenyekanisha, guteza imbere, gutegura, gutunganya no gukorera mu turere ZES canke amashirahamwe akorera mu turere ZES.
2. **urwego rujejwe gutunganya uturere ZES** ni ishirahamwe rijejwe gutunganya uturere ZES ;
3. **uruhusha rw'ugukora** ni uruhusha rwanditse rutangwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ruba ruri kumwe n'urutonde rw'imirimo y'uwuruhabwa, rugatangwa habanje kurihwa amafaranga, rugatuma nyenerwo agira uburenganzira bw'ugukorera ibikorwa vyiwe mu karere ZES akongera akoroherezwa, akaronka uturusho, uburenganzira bw'ugushirwa imbere y'abandi n'ugukurwako itagisi n'ikori bitegekanijwe n'iri bwirizwa ;
4. **uruhusha rw'ugushira ishirahamwe muri ZES** ni urwandiko rutangwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rutuma uwaruhawe ashira ishirahamwe mu karere ZES, ariko ntirutange uburenganzira bw'ukworoherezwa, ukuronswa uturusho, ubw'ugushirwa imbere y'abandi canke ubw'ugukurwako amakori n'amatagisi bitegekanijwe n'iri bwirizwa ;
5. **umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana mu turere ZES** ni umurwi ugizwe n'abo mu bisata vya Reta n'ivy'abikorera utwabo ku rugero rungana ishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu, ikaba ijejwe gucungera uturere ZES, guhuza no kunywanisha abakorera mu turere ZES;
6. **amasezerano yerekeye ugutegura uturere ZES** ni amasezerano afise intumbero y'ugutegura akarere ZES, ukuhagwiza inyubakwa za nkenerwa, ibirangurwa na Reta canke n'abikorera utwabo, ukuhubaka amazu canke

l'aménagement peut être mis en œuvre par l'administrateur des ZES ou dévolu par contrat à un partenaire public ou privé ;

7. **contrat d'exploitation**, un contrat ayant pour objet l'exploitation de la ZES ; l'exploitant peut assurer d'autres missions telles que la promotion, le développement, l'aménagement et la gestion de la ZES ; il est rémunéré par les entreprises installées dans la ZES ;

8. **contrat de développement des ZES**, un contrat ayant pour objet le développement des ZES à savoir la structuration des projets, la réalisation d'études d'opportunité ou de faisabilité, la construction de modèles financiers de développement, la mobilisation de financements, la recherche de partenaires ayant pour mission l'aménagement, la gestion ou l'exploitation des ZES ou de grappes d'entreprises à installer dans les ZES ;

9. **contrat de gestion**, un contrat ayant pour objet la gestion de la ZES ; le gestionnaire peut assurer d'autres missions telles que la promotion, le développement, l'aménagement et l'exploitation de la ZES ; le contrat permet à l'administrateur des ZES de déléguer une partie de ses missions de gestion à un partenaire privé ;

amahangare agenewe abakorera mu turere ZES; iryo tegurwa ry'ico kibanza rishobora gushirwa mu ngiro n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES canke rikagirwa n'ishirahamwe rya Reta canke iry'abikorera utwabo biciye mu masezerano;

7. **amasezerano atanga uburenganzira bw'ugukorera mu karere** ni amasezerano afise intumbero y'ugukorera mu karere ZES; uwugakorerámwo ashobora kuhakorera iyindi mirimo nk'ukumenyekanisha akarere ZES, ukugateza imbere, ukugategura n'ukugatunganya; ahembwa n'amashirahamwe arangurira imirimo mu karere ZES;

8. **amasezerano y'uguteza imbere uturere ZES** ni amasezerano afise intumbero y'uguteza imbere uturere ZES ni ukuvuga indinganizo y'ingene imigambi itunganijwe, ukugira ivyigwa vyerekana ko muri utwo turere hari ibituma urudandazwa rwogenda neza canke ivyerekana ko bishoboka ko urwo rudandazwa rwohakorerwa, ukugira igicapo cerekana ingene ubutunzi bwotera imbere, ukwegeranya amafaranga akenewe, ukurondera abafashanya na Reta muri ivyo bikorwa bafise intumbero y'ugutegura, ugutunganya n'ugukorera mu turere ZES canke imigwi y'amashirahamwe ashirwa mu turere ZES;

9. **amasezerano y'ugutunganya akarere ZES** ni amasezerano afise intumbero y'ugutunganya akarere ZES; uwujejwe gutunganya ako karere agashobora kwitwararika iyindi mirimo nk'ukumenyekanisha akarere ZES, ukugateza imbere, ukugategura n'ukugakoreramwo; ayo masezerano akarekurira urwego rujejwe gutunganya uturere ZES kuzeza igice c'imirimo ajejwe y'ugutunganya ako karere uwikorera utwiwe bakorana ;

10. **contrat de promotion des ZES**, un contrat ayant pour objet la promotion des ZES, à savoir toute action de communication auprès d'investisseurs nationaux ou internationaux en vue de leur installation dans les ZES, mais aussi toute action d'organisation, de coordination et de dialogue entre acteurs publics et privés visant à assurer une mise en œuvre efficiente des objectifs retenus ;

10. **amasezerano y'ukumenyekanisha uturere ZES** ni amasezerano afise intumbero y'ukumenyekanisha uturere ZES ni ukuvuga igikorwa cose c'uguhanahana amakuru hagati y'abanyamitahe bo mu gihugu canke abo mu bindi bihugu mu ntumbero y'ukubarekurira gukorera mu turere ZES, ariko kandi ayo masezerano yerekeye igikorwa cose c'ugutunganya uturere ZES, ugukurikiranira hafi ibikorwa n'uguhanahana ivyiyumviro hagati y'amashirahamwe ya Reta n'ay'abikorera utwabo afise intumbero y'ugushira mu ngiro mu buryo bubereye amahangiro yemejwe ;

11. **entreprise de la ZES**, une entreprise agréée pour s'installer dans une ZES, qui bénéficie d'un agrément ou d'une autorisation d'installation émis par l'administrateur des ZES pour réaliser toute activité économique dans les secteurs prioritaires ou toute autre prestation de services ;

11. **ishirahamwe ryo mu karere ZES** ni ishirahamwe ryemerewe gukorera mu karere ZES, rigahabwa uruhusha rw'ugukora canke uruhusha rw'ugushira ishirahamwe muri ZES rutangwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES kugira rirangure igikorwa cose kijanye n'ubutunzi mu bisata vyashizwe imbere y'ibindi canke ibindi bikorwa ivyo ari vyo vyose vy'ukurangurira abandi ubuzi;

12. **entreprise étrangère,** toute entreprise dont le siège et le lieu de constitution sont situés dans un pays ou territoire étranger, qui n'est pas ressortissante d'un pays membre d'une communauté économique régionale dont le Burundi est membre, mais qui opère, à travers une filiale de droit burundais, dans une ZES au Burundi ;

12. **ishirahamwe mvamahanga** ni ishirahamwe ryose icicaro caryo n'aho ryashingiwe biri mu kindi gihugu canke ku gataka k'ikindi gihugu, ridakomoka mu gihugu kiri mu bigize umuryango w'ubutunzi wo mu karere Uburundi burimwo, ariko rikorera mu karere ZES ko mu Burundi biciye mw'ishami ryaryo rigengwa n'amategeko y'Uburundi;

13. **exportation**, l'acte d'expédier des marchandises ou de réaliser des prestations de services directement de la ZES en dehors du territoire douanier national ;

13. **ugushorera mu mahanga** ni igikorwa c'ukurungika ibidandazwa canke gukorera ubuzi busanzwe bukorerwa mu karere ZES ahatari mu karere duwane ikoreramwo mu gihugu ;

14. **fonds de financement des ZES**, un fonds créé par l'Etat ayant pour objet de financer l'action des acteurs publics ou privés des ZES dans le développement de celles-ci ;

14. **ikigega c'ugushigikira uturere ZES** ni ikigega gishirwaho na Reta kigenewe gushigikira igikorwa c'amashirahamwe ya Reta canke y'abikorera utwabo akorera mu turere ZES, mu ntumbero y'ukuduteza imbere ;

15. **guichet unique**, un bureau regroupant tous les services nécessaires pour faciliter la création des entreprises des ZES, l'entrée et l'établissement du personnel expatrié, la perception des droits, impôts et taxes ainsi que pour tout service de l'Etat indispensable pour le développement de la ZES, notamment toute autorisation, tout permis ou tout agrément aux entreprises installées dans la ZES, mais aussi à travers la création d'un centre de services, tout autre service ou activité d'intermédiation de nature à faciliter le développement des entreprises de la ZES ;

16. **importation**, l'acte de faire entrer des marchandises ou des prestations de services directement à l'intérieur de la ZES ou, le cas échéant, depuis la ZES dans le territoire douanier national ;

17. **permis de construire**, un document délivré par l'autorité compétente qui autorise la réalisation d'une opération de construction dans le respect des règles de construction, d'urbanisme et d'environnement de la ZES ;

18. **plan d'occupation des terres**, un plan régissant toutes les conditions d'utilisation des terrains de la ZES ;

19. **plan de délimitation,** un plan qui règlemente la délimitation, les décrochements, les hauteurs et les densités s'appliquant aux terrains de la ZES ;

15. **ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa vyose** ni ibiro ibisata vyose bikenewe bikoreramwo mu ntumbero yo gutuma vyoroha gushinga amashirahamwe akorera mu turere ZES, kwinjira no kuba mu Burundi ku bakozi bakorera ishirahamwe mvamahanga atari Abarundi, gutoza amafaranga ya duwane asabwa, amakori n'amatagisi hamwe n'ikindi gikorwa cose Reta irangurira abayitura biboneka ko ari ngombwa mu guteza imbere uturere ZES, nk'impusha z'ugukora zihabwa amashirahamwe akorera mu turere ZES, ariko kandi biciye mu gushinga igisata kirangurira ubuzi abakorera mu turere ZES, ikindi gikorwa cose canke igikorwa c'uguhuza abakorera mu turere ZES mu ntumbero yo kworohereza amashirahamwe yo mu karere ZES gutera imbere ;

16. **ukwinjiza mu gihugu** ni igikorwa c'ukwinjiza ibidandazwa canke ibikorwa birangurirwa abandi mu turere ZES ata ho birinze guca canke, iyo bishoboka, bikinjira biva mu karere ZES bija mu karere duwane ikoreramwo mu gihugu ;

17. **uruhusha rwo kwubaka** ni urwandiko rutangwa n'umutegetsi abifitiye ububasha rutanga uburenganzira bwo kwubaka hubahirijwe amategeko ajanye n'ukwubaka, ugutunganya ibisagara n'ukubungabunga ibidukikije mu karere ZES ;

18. **indinganizo y'ugukorera mu bibanza** ni indinganizo igenga ibisabwa vyose mu gukorera mu matongo yo mu karere ZES ;

19. **ishushanyo yerekana aho itongo rigarukira** ni indinganizo ishiraho amategeko agenga imbibe z'amatongo, uduce dusigara hamaze gushingwa uturimbi, uburebure bw'ivyubakwa n'ingene biba vyegeranye bikurikizwa ku matongo y'akarere ZES ;

20. **plan de développement**, un plan ayant pour objet de décliner les résultats des études d'opportunité et de faisabilité des ZES, leurs modalités de développement, de structuration, de financement et leurs modèles contractuels, en conformité avec les objectifs des ZES ;

20. **indinganizo y'imigambi y'iterambere** ni indinganizo igirwa mu ntumbero y'ukugira ivyigwa vyerekana ko mu turere ZES hari ibituma urudandazwa rwogenda neza canke ivyerekana ko bishoboka ko urwo rudandazwa rwohakorerwa, ibikurikizwa mu guteza imbere utwo turere, ukudutunganya, ukuduha amafaranga dukoresha hamwe n'ingene amasezerano aba ameze, hakurikijwe amahangiro y'uturere ZES ;

21. **règlement d'application**, un acte de l'administrateur des ZES par lequel sont précisées les modalités de développement des ZES ;

21. **amategeko mperekeza** ni amategeko ashingwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES atomora ibikurikizwa mu guteza imbere uturere ZES ;

22. **règlement de construction et d'urbanisme de la ZES**, un document décrivant les normes et les standards de qualité en matière de construction, d'urbanisme et que toute entreprise de la ZES est tenue de respecter ;

22. **amategeko agenga inyubako hamwe n'itunganywa ry'ibisagara mu karere ZES** ni urwandiko rutomora amategeko n'ibisanzwe bikurikizwa kw'isi yose ku vyerekeye ubuziranenge mu bijanye n'inyubako, ugutunganya ibisagara amashirahamwe yose y'akarere ZES asabwa kwubahiriza ;

23. **règlement de santé, de sûreté, de sécurité et d'environnement de la ZES**, un document décrivant les normes en matière de santé, de sûreté, de sécurité et d'environnement que toute entreprise de la ZES est tenue de respecter ;

23. **amategeko agenga amagara y'abantu, ugukinga impanuka, umutekano n'ibidukikije mu karere ZES** ni urwandiko rutomora amategeko mu vyerekeye amagara y'abantu, ugukinga impanuka, umutekano n'ibidukikije amashirahamwe yose yo mu karere ZES asabwa kwubahiriza ;

24. **terrains de la ZES**, des terrains publics ou privés désignés à l'origine ou par la suite pour une utilisation dans la ZES ;

24. **amatongo y'akarere ZES** ni amatongo ya Reta canke ay'abikorera utwabo yagenewe mu ntango akarere ZES canke ayandi yongerwako mu nyuma ;

25. **Zone Economique Spéciale**, une région géographique bénéficiant d'un régime réglementaire plus avantageux que celui appliqué au niveau national; le dispositif se caractérise par une combinaison d'incitations fiscales, douanières, foncières et de coûts de facteurs de production réduits, d'un écosystème

25. **akarere ngwizabutunzi kadasanzwe** ni akarere gafise imbibe zikerekana kagengwa n'amategeko arimwo akarusho gusumba ayakurikizwa mu tundi turere two mu gihugu; ayo mategeko arimwo uturusho dukwegakwega abanyamitahe mu bijanye n'amakori, amaduwane, amatongo hamwe n'ukugabanirizwa ibiciro ku bikoreshwa mu

offrant la mise à disposition d'infrastructures et de services efficients ainsi que des services de facilitation administrative pour le développement des activités industrielles ou commerciales dans la ZES.

kugwiza umwimbu, ibibanza bibereye inyubako n'ibisata bikenewe hamwe n'ibindi bisata vyorohoreza ibikorwa vya Reta mu ntumbero y'uguteza imbere ibikorwa vy'uguhingura hamwe n'ivy'ukudandaza mu karere ZES.

## Section 3 : De la typologie des ZES et des secteurs prioritaires

## Agace ka 3 : Ubwoko bw'uturere ZES hamwe n'ibisata biza imbere y'ibindi

**Article 4 :**
Les ZES peuvent être développées selon différents schémas industriels, agro-industriels ou de services.

**Ingingo ya 4 :**
Uturere ZES dushobora gutegurwa hakurikijwe ibicapu bitandukanye vyerekana uturere dushingwamwo amahinguriro, utw'amahinguriro y'ibiva mu burimyi canke uturere tw'ibisata vy'ubuzi butandukanye.

Sont éligibles au statut des Zones Economiques Spéciales, les zones économiques suivantes :

1° les zones industrielles ou parcs industriels ;
2° les agropoles ou agro-parcs ;
3° les zones logistiques ;
4° les technopoles ;
5° les zones de développement médical et pharmaceutique ;
6° les districts d'innovation ;
7° les zones commerciales ou de services ;
8° les zones touristiques ;
9° les zones artisanales.

Uturere dufatwa nk'uturere ngwizabutunzi tudasanzwe ni uturere dukurikira :

1° uturere tugenewe amahinguriro canke ibibanza vy'amahinguriro ;
2° uturere tugenewe amahinguriro y'ibiva mu burimyi canke ahagenewe guteza imbere uburimyi ;
3° uturere tugenewe ibikoresho ;
4° uturere tugenewe ibikorwa vy'ubuhinga buhanitse ;
5° uturere tugenewe ubuvuzi n'ibijanye n'imiti ;
6° uturere tugenewe ibikorwa vy'ubushakashatsi ;
7° uturere tugenewe ubudandaji canke ubuzi bworohereza urudandazwa ;
8° uturere tugenewe ingenzi ;
9° uturere tugenewe imyuga.

Sont également éligibles au statut des ZES , les secteurs d'investissement relevant du champ d'application du Code des investissements.

Ibisata bishingwamwo imitahe vyerekewe n'Igitabu c'amategeko agenga ishingwa ry'imitahe na vyo nyene bigenwa n'amategeko agenga uturere ZES.

**Article 5 :**
Dans les ZES, un espace peut être dédié au développement d'une zone franche, objet d'une réglementation spécifique.

**Ingingo ya 5 :**
Mu turere ZES, harashobora kubamwo akarere gatanga uturusho tw'amakori ku bigenewe gushorerwa ahanini hanze y'igihugu, kagengwa n'amategeko kiharije.

**Article 6 :**
Sont déclarés secteurs prioritaires dans le domaine des investissements dans les ZES, les secteurs ci-après :

1° l'investissement dans la production industrielle de l'énergie, de l'eau et d'équipements y afférents ainsi que d'équipements de traitements des déchets ;
2° la manufacture ;
3° l'énergie et les mines ;
4° les hydrocarbures et les produits chimiques ;
5° l'agriculture et les industries de transformation agricole, animale et piscicole ;
6° les transports et la logistique ;
7° les services ;
8° les activités spécialisées scientifiques et techniques ;
9° les technologies de l'information et de la communication ;
10° les pôles scientifiques ;
11° la médecine et la pharmacie ;
12° le commerce de réexportation ;
13° le tourisme et l'hôtellerie ;
14° les activités immobilières ;
15° les activités liées à l'art et à la culture.

La liste des secteurs prioritaires peut être modifiée ou complétée par ordonnance du ministre en charge des ZES après consultation du comité paritaire des ZES.

**Ingingo ya 6 :**
Ibisata bishirwa imbere y'ibindi mu bijanye n'ishingwa ry'imitahe mu turere ZES ni ibi bikurikira :

1° ugushira imitahe mu bijanye no kugwiza amahinguriro y'amasoko ntanganguvu n'amazi n'ibikoresho bijanye hamwe n'uguhingura imyanda ;
2° uguhingura ;
3° ubutare n'agataka ;
4° ibitoro hamwe n'ibihingurwa hakoreshejwe ubumara ngirakamaro ;
5° uburimyi n'amahinguriro y'ivyavuye mu burimyi, ibitungwa no mu bworozi bw'amafi ;
6° ukwunguruza abantu n'ibintu hamwe n'ibikoresho ;
7° ubuzi ;
8° ibikorwa bigenewe ubushakashatsi n'ubuhinga ;
9° ubuhinga bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru ;
10° ibisata vy'ubushakashatsi ;
11° ubuvuzi n'ibijanye n'imiti ;
12° ugushorera mu mahanga ivyaranguwe mu kindi gihugu ;
13° igisata c'ibijanye n'ingenzi n'amahoteri ;
14° ibikorwa bijanye n'ibitimuka ;
15° ibikorwa bijanye n'imyuga n'imico kama.

Urutonde rw'ibisata bishirwa imbere rurashobora guhindurwa canke kwongerwamwo ibindi biciye mw'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES, umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana imaze kugishwa inama.

**Section 4 : Des activités autorisées et des activités interdites dans les ZES**

**Article 7 :**
Sont autorisées dans les ZES, toutes les activités relevant d'un secteur prioritaire pouvant contribuer à la croissance de la ZES et menées par une personne morale détenant un agrément délivré par l'administrateur des ZES.

**Agace ka 4 : Ibikorwa birekuwe n'ibibujijwe kurangurirwa mu turere ZES**

**Ingingo ya 7 :**
Ibikorwa birekuwe kurangurirwa mu turere ZES ni ibikorwa vyose vy'igisata gishirwa imbere y'ibindi bishobora gufasha mu guteza imbere akarere ZES kandi birangurwa n'ishirahamwe rifise uruhusha rw'ugukora rutangwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES.

Sont également autorisées sous des conditions définies par l'administrateur des ZES, les activités commerciales ou de services destinées à faciliter les activités prioritaires développées dans les ZES.

**Article 8 :**
Sont interdites dans les ZES, les activités portant atteinte à la morale, à la sécurité, à la salubrité, à l'ordre et à la tranquillité publique, à l'environnement, à la propriété intellectuelle, à la santé et à la vie des personnes et des animaux.

Sont également interdites, les activités illicites telles que celles liées au trafic de drogues et de stupéfiants, des armes, à l'importation et au transit des déchets industriels, au blanchiment de capitaux issus d'activités illégales ou prohibées et à toute activité contraire aux dispositions législatives et règlementaires applicables au Burundi.

## CHAPITRE II : DU CADRE INSTITUTIONNEL

**Article 9 :**
Le cadre institutionnel des ZES s'articule sur les institutions suivantes :

1° le ministre en charge des ZES ;

2° l'administrateur des ZES ;
3° le comité paritaire ;

4° le fonds de financement.

La création et la mise en œuvre des ZES s'effectuent à travers l'exécution des fonctions suivantes :

1° la fonction d'administration ;
2° la fonction de régulation ;
3° la fonction de promotion et développement ;
4° la fonction d'aménagement ;

Ibindi bikorwa birekuwe hisunzwe ibisabwa bitomorwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ni ibikorwa vy'ubudandaji canke vy'ubuzi bigenewe kworohereza ibikorwa bishirwa imbere y'ibindi bikorerwa mu turere ZES.

**Ingingo ya 8 :**
Ibikorwa bibujijwe kurangurirwa mu turere ZES ni ibikorwa bishobora kubangamira inyifato ibereye, umutekano, isuku, umutekano n'ituze vy'abanyagihugu, ibidukikije, itunga mvabwenge, amagara y'abantu hamwe n'ibibangamira ubuzima bw'abantu n'ubw'ibikoko.

Ibindi bikorwa bibujijwe ni ibitemewe n'amategeko nk'ibijanye n'urudandazwa rw'ibiyayuramutwe n'ibiyovyabwenge, ibirwanisho, ukwinjiza n'ugucisha mu Burundi imyanda yo mu mahinguriro, ukunyegeza inkomoko y'amatungo yavuye mu bikorwa bitemewe n'amategeko canke bibujijwe n'ikindi gikorwa cose giciye kubiri n'ibitegekanijwe n'amabwirizwa hamwe n'amategeko akurikizwa mu Burundi.

## IGICE CA II : IVYEREKEYE INZEGO

**Ingingo ya 9 :**
Inzego zijejwe gutunganya uturere ZES ni izi zikurikira :

1° umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES ;
2° urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;
3° umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana ;
4° ikigega gitanga amafaranga akoreshwa mu turere ZES.

Ishingwa n'ishirwa mu ngiro ry'uturere ZES bigirwa biciye mu mirimo ikurikira :

1° umurimo ujanye n'ugutunganya ibikorwa ;
2° umurimo w'ugucungera ;
3° umurimo w'ukumenyekanisha n'uguteza imbere uturere ZES ;
4° umurimo w'ugutegura uturere ZES ;

5° la fonction de gestion ;

6° la fonction d'exploitation.

Les fonctions sont réparties entre diverses entités et déclinées de façon coordonnée selon le plan de développement des projets. La section ci-après précise les missions des diverses entités en charge de ces fonctions.

**Section 1 : De l'administrateur des ZES**

**Article 10 :**
L'administration de l'ensemble des ZES est confiée à une entité dénommée l'administrateur des ZES dont les modalités de création, le statut, l'organisation et le fonctionnement sont fixés par décret.

**Paragraphe 1 : Les missions**

**Article 11 :**
L'administrateur des ZES a pour mission générale la promotion, le développement, l'aménagement, la gestion, l'exploitation et l'administration générale des ZES.

Il peut déléguer ces missions générales par voie contractuelle, conformément aux dispositions de la présente loi.

Les droits et les obligations de l'administrateur des ZES sont fixés dans un cahier des charges conclu avec le ministère en charge des ZES.

L'administrateur des ZES a pour missions de :

1° participer avec les services du ministère en charge des ZES à l'élaboration de la stratégie de développement des ZES et des réglementations y afférentes ;

5° umurimo w'ugutunganya ibijanye n'ubutunzi ;

6° umurimo ujanye n'ugukorera mu turere ZES.

Imirimo igabanganijwe hagati y'ibisata bitandukanye kandi mu buryo buroranye hisunzwe indinganizo y'imigambi y'iterambere. Agace gakurikira karatomora imirimo y'ibisata bitandukanye bijejwe ivyo bikorwa.

**Agace ka 1 : Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES**

**Ingingo ya 10 :**
Itunganywa ry'uturere ZES twose rishingwa igisata ciswe urwego rujejwe gutunganya uturere ZES, ingene rushingwa, rufatwa imbere y'amategeko, ingene rutunganijwe n'ingene rukora bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

**Agahimba ka 1 : Imirimo**

**Ingingo ya 11 :**
Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rufise umurimo nyamukuru ujanye n'ukumenyekanisha uturere ZES, ukuduteza imbere, ukudutegura, ukudutunganya, ukudukoreramwo n'uburongozi bw'uturere ZES twose.

Rurashobora gushinga iyo mirimo uwundi muntu biciye mu masezerano, hisunzwe ingingo z'iri bwirizwa.

Ivyo urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rufitiye uburenganzira n'ivyo rutegerejwe bishingwa mu rwandiko rw'ibitegerejwe gukorwa ruvyumvikanye n'ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo uturere ZES.

Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rushinzwe imirimo ikurikira:

1° kugira uruhara rufadikanije n'ibisata vyo mu bushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo uturere ZES mu gutegura uburyo bw'uguteza imbere uturere ZES hamwe n'amategeko atwerekeye ;

2° réaliser les études de faisabilité des ZES et d'impact environnemental et social ;

3° élaborer le plan de développement des ZES et s'assurer que tout acteur privé des ZES dispose, conformément à la réglementation applicable, et avant le début de ses activités, d'un certificat d'impact environnemental ;

4° élaborer en coordination avec les administrations compétentes les plans et les schémas d'urbanisme, d'occupation des terres, de délimitation, de clôture, d'aménagement et d'allotissement des terrains des ZES et gérer les terrains des ZES pour le compte de l'Etat ;

5° réaliser le développement, avec les services compétents de l'Etat, des travaux d'accessibilité au site des ZES, de la viabilisation des terrains des ZES, de la construction des infrastructures et des bâtiments administratifs, industriels ou à caractère social et la fourniture des services de base nécessaires à l'installation des entreprises des ZES y compris la production et la distribution de l'électricité et de l'eau ainsi que le traitement et l'assainissement des déchets liquides et solides et leur maintenance ;

6° veiller au respect de la délimitation des ZES et définir les différentes parties des ZES avec les types d'activités afférentes à chaque lot ;

7° assurer, avec les services compétents de l'Etat, la mise en place de dispositifs logistiques performants d'entrée et de sortie des marchandises, de dédouanement et d'acheminement des marchandises depuis et vers les ZES ;

2° kugira ivyigwa vyerekana ko imigambi yo mu turere ZES ishoboka kurangurwa n'ivyerekana ingaruka ku bidukikije no ku mibano ;

3° gutegura indinganizo y'iterambere ry'uturere ZES no kwitwararika ko uwo wese yikorera utwiwe arangurira imirimo mu turere ZES aba afise, hisunzwe amategeko akurikizwa, n'imbere y'uko atangura ibikorwa vyiwe, iseredifika yerekana ingaruka ku bidukikije ;

4° gutegura rufadikanije n'uburongozi bubifitiye ububasha, indinganizo n'ibicapu vyerekana itunganywa ry'ibisagara mu turere ZES, ingene ibibanza vyubakwamwo, ibijanye n'uburimbi, inzitiro, ingene bitegurwa n'ingene binyenyagurwa hamwe no gutunganya amatongo y'uturere ZES kw'izina rya Reta ;

5° kurangura rufashijwe n'ibisata vya Reta bibifitiye ububasha, ibikorwa bifasha gushika mu bibanza biri mu turere ZES, ivy'ugushiraho ivyankenerwa mu matongo y'uturere ZES, ivy'ugushiraho inyubako n'inzu zikorerwamwo imirimo ya Reta, iz'amahinguriro, canke ibirangurirwamwo ibikorwa vyerekeye ineza ya bose n'ugushiraho ibikenewe vyorohereza ishingwa ry'amashirahamwe mu turere ZES harimwo n'ukuzana n'ugutanga umuyagankuba n'amazi hamwe n'ukuyungurura n'ugusukura imyanda y'amazi mabi n'iyigumye hamwe n'ukubibungabunga;

6° gukurikirana ko uturimbi tw'uturere ZES twubahirizwa no gutomora ibice bitandukanye vy'uturere ZES n'ibikorwa bishirwa mu gice kimwekimwe cose;

7° gushiraho, rufashijwe n'ibisata vya Reta bibifitiye ububasha, ibikoresho bimeze neza bifasha mu kwinjiza no mu gusohora ibidandazwa, gutoza amafaranga ya duwane no mu gushikana ibidandazwa biva canke bija mu turere ZES ;

| | |
|---|---|
| 8° développer un environnement d'affaires et une qualité de vie en conformité avec les meilleures pratiques internationales ; | 8° gushiraho ibituma urudandazwa rugenda neza n'ibituma ubuzima bw'abantu bworoherwa hisunzwe ibisanzwe bikorwa ku rwego mpuzamakungu ; |
| 9° garantir les normes environnementales et sociales dans la ZES en cohérence avec les lois en vigueur et les meilleures pratiques internationales en s'assurant notamment de l'inclusion des collectivités et des communautés locales dans le développement du projet des ZES ; | 9° kwubahiriza amategeko yerekeye ibidukikije n'imibano mu karere ZES ahuye n'amabwirizwa ahasanzwe n'ibisanzwe bikorwa ku rwego mpuzamakugu na canecane mu kwitwararika ko imigwi itandukanye n'ababa muri ako karere bagira uruhara mw'iterambere ry'uturere ZES ; |
| 10° mettre en place une stratégie de gestion des risques et des catastrophes dans les ZES ; | 10° gushiraho uburyo burashe bw'ugukinga impanuka n'ibiza mu turere ZES ; |
| 11° attirer des investissements pour stimuler la production des biens et services ; | 11° gukwegakwega abanyamitahe kugira hagwizwe umwimbu n'ubuzi ; |
| 12° introduire l'innovation managériale capable de drainer des investissements ; | 12° gushiraho uburyo bushasha bwo gutunganya neza ibikorwa bishobora gutuma haboneka abanyamitahe benshi ; |
| 13° encourager la concurrence et prévenir les situations de monopole dans les ZES ; | 13° gutuma haba ihiganwa mu budandaji no gukinga ko haba abizizira urudandazwa mu turere ZES ; |
| 14° identifier les fournisseurs et les partenaires potentiels locaux des entreprises des ZES dans l'accompagnement post-investissement ; | 14° kurondera abatanga ibikoresho n'abakora ivyankenerwa hamwe n'abashobora gukorana n'amashirahamwe yo mu turere ZES bo mu gihugu mu gukorana n'abanyamitahe bamaze kugira imigambi ; |
| 15° favoriser le transfert des technologies, la création d'emplois et le développement de centres de formation sur les qualifications des segments industriels, agro-industriels et de services développés dans les ZES ; | 15° kworohereza ibijanye n'uguhanahana ubuhinga, ukugwiza ubuzi n'uguteza imbere ibigo bitanga inyigisho zijanye n'ubuhinga bw'ibisata vy'amahinguriro, vy'amahinguriro y'ibiva mu burimyi hamwe n'ubuzi burangurirwa mu turere ZES ; |
| 16° assurer la promotion des ZES au niveau national et international ; | 16° kumenyekanisha uturere ZES ku rwego rw'igihugu na mpuzamakungu ; |
| 17° recevoir et instruire les dossiers de demande d'agrément et de demande d'autorisation d'installation des entreprises des ZES ; | 17° kwakira no kwihweza idosiye zerekeye ugusaba uruhusha rw'ugukora n'iz'ugusaba uruhusha rw'ugushinga amashirahamwe akorera mu turere ZES ; |
| 18° déterminer des critères additionnels pour la sélection des acteurs des ZES par voie de règlement d'application ; | 18° gutomora ibifatirwako vyiyongera mu guhitamwo abakorera mu turere ZES biciye mu mategeko mperekeza ; |

19° conclure, le cas échéant, avec les entreprises des ZES, des contrats de mise à disposition des terrains nécessaires à leur installation conformément aux dispositions de la présente loi ;

20° conclure, le cas échéant, tout contrat ayant pour objet la promotion, le développement, l'aménagement, la gestion ou l'exploitation d'une ZES, conformément aux dispositions de la présente loi ;

21° conclure des protocoles d'accord avec les administrations concernées afin de faciliter l'installation et le déploiement des activités des entreprises des ZES ;

22° créer au sein de la ZES un guichet unique qu'il administre et un centre de service ;

23° collaborer avec l'Office Burundais des Recettes pour faciliter le contrôle fiscal et douanier des entreprises bénéficiant d'un agrément ;

24° servir le cas échéant d'intermédiaire pour l'obtention des services offerts par le guichet unique et les autres services de l'Etat ;

25° s'assurer du respect de la présente loi par toute entité installée dans les ZES et du respect des règlements d'application et des dispositions des contrats signés avec l'administrateur des ZES ;

26° s'assurer du respect des réglementations applicables en matière de travail, de santé, de sécurité, d'urbanisme, de construction et d'environnement par toute entité installée dans les ZES ;

27° assurer la sécurité des personnes et des biens à l'intérieur des ZES avec le concours des services de la douane, de l'immigration et de la Police nationale ;

19° gupfundika, igihe bikenewe, amasezerano n'amashirahamwe yo mu turere ZES y'ugukoresha amatongo akeneye mu kurangura ibikorwa vyayo hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa ;

20° gupfundika, igihe bikenewe, amasezerano yose mu ntumbero y'ukumenyekanisha akarere ZES, ukugateza imbere, ukugategura, ugutunganya ibijanye n'ubutunzi canke ukugakoreramwo hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa ;

21° gupfundika amasezerano n'inzego z'intwaro vyerekeye kugira vyorohe gushinga amashirahamwe yo mu turere ZES hamwe n'ugukora ibikorwa vyayo;

22° gushiraho mu karere ZES ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa birongorwa n'urwo rwego hamwe n'ikigo kirangurirwamwo ibikorwa ;

23° gukorana n'Ikigo c'igihugu kijejwe gutoza amakori n'amatagisi kugira vyorohe gusuzuma ko amashirahamwe yemererwa gukora atanga uko bikwiye amakori n'amafaranga ya duwane ;

24° gufasha, iyo bikenewe, abakorera mu turere ZES kuronka ivyo bakenera birangurwa n'ibiro bimwe rudende hamwe n'ibindi bisata vya Reta ;

25° gukurikirana ko igisata cose co mu turere ZES cubahiriza iri bwirizwa n'amategeko mperekeza hamwe n'amasezerano cagiraniye n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;

26° gukurikana ko igisata ico ari co cose co mu turere ZES cubahiriza amategeko mperekeza mu vyerekeye akazi, amagara y'abantu, umutekano, itunganya ry'ibisagara, ukwubaka n'ibidukikije ;

27° kubungabunga umutekano w'abantu n'amatungo hagati mu karere ZES rufashijwe n'ibisata vya duwane, ibijejwe abinjira n'abasohoka igihugu hamwe n'Igiporisi c'igihugu;

28° valider les rapports annuels d'activités présentés par les acteurs privés des ZES ;

29° tenir à jour les données sur les performances du plan de développement dans chaque ZES ;

30° inspecter et contrôler régulièrement les entreprises des ZES et soumettre à l'autorité compétente les cas de violation des lois et règlements applicables aux ZES ;

31° exercer toute autre fonction compatible avec les dispositions de la présente loi.

**Paragraphe 2 : Les pouvoirs**

**Article 12 :**
L'administrateur des ZES dispose des pouvoirs suivants :

1° délivrer les agréments ou les autorisations nécessaires pour l'installation des entreprises dans les ZES ;

2° délivrer les permis nécessaires à l'exercice des activités des entreprises des ZES sous réserve, le cas échéant, des délégations accordées par les administrations compétentes ;

3° délivrer ou faire délivrer les certificats d'origine ;

4° percevoir, au nom de l'Etat, les redevances d'occupation domaniale, les redevances liées à l'activité des entreprises des ZES ainsi que les frais et charges liés aux agréments, aux autorisations ou aux permis accordés ou encore afférents aux services rendus par le guichet unique et le centre de services ;

28° kwemeza ivyegeranyo vyo ku mwaka vy'ivyaranguwe bishikirizwa n'abikorera utwabo bo mu turere ZES ;

29° gushira ku gihe ivyatororokanijwe vyo mu ndinganizo y'imigambi y'iterambere vyerekana urugero ibikorwa bishitseko mu karere ZES kamwekamwe kose ;

30° kuja - ruragenzura no gusuzuma amashirahamwe yo mu turere ZES no gushikiriza umutegetsi abifitiye ububasha idosiye zijanye n'ukurenga ku mabwirizwa n'amategeko akurikizwa mu turere ZES ;

31° kurangura ayandi mabanga yose ashobora kubangikana n'ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

**Agahimba ka 2 : Ububasha bw'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES**

**Ingingo ya 12 :**
Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rufise ububasha bukurikira :

1° gutanga impusha z'ukwemerera ishirahamwe gukora canke impusha zikenewe mu gushinga amashirahamwe mu turere ZES ;

2° gutanga impusha zikenewe mu kurangura ibikorwa vy'amashirahamwe yo mu turere ZES hatirengagijwe, iyo bikenewe, impusha zitangwa n'inzego z'intwaro zibifitiye ububasha;

3° gutanga canke gutegeka ko hatangwa inzandiko zemeza aho ivyahinguwe vyamuka ;

4° gutoza, kw'izina rya Reta, amafaranga ajanye n'uko ishirahamwe rikorera mw'itongo rya Reta, amafaranga ajanye n'ibikorwa vy'amashirahamwe akorera mu turere ZES hamwe n'ayandi mafaranga ajanye n'ukwemerera amashirahamwe gukora, ay'impusha zitangwa canke ayajanye n'ibikorwa birangurwa n'ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa hamwe n'ikigo gitunganya ivyerekeye ubuzi bw'ibisata bitandukanye ;

5° adopter les règlements d'application de la présente loi par les acteurs des ZES dès leur installation dans le cadre de l'exercice de leurs activités ainsi que tout règlement relatif aux modalités de recrutement des acteurs privés des ZES ;

6° modifier, suspendre, retirer, révoquer ou annuler les agréments, les autorisations ou les permis accordés en conformité avec les règlements d'application ;

7° sanctionner toute entreprise qui contrevient aux dispositions de la présente loi, de ses textes d'application ou des règlements d'application des ZES ou qui contrevient à ses obligations contractuelles.

**Paragraphe 3 : Les délégations conférées à l'administrateur des ZES**

**Article 13 :**
Les autorités compétentes conservent et maintiennent la plénitude de leurs prérogatives administratives pour réguler toute activité au sein des ZES sauf disposition contraire prévue par la présente loi.

Les autorités compétentes peuvent toutefois déléguer à l'administrateur des ZES certaines de leurs attributions y compris les questions liées à la délivrance des permis, des certificats, des autorisations, des approbations et des enregistrements relatifs à l'emploi, à la protection de l'environnement, à la construction d'infrastructures ou de bâtiments, au commerce, aux services ou à l'industrie ainsi qu'à toute autre question spécifique, conformément à la réglementation applicable.

Les modalités d'application de la délégation sont précisées dans des protocoles d'accord.

5° kwemeza amategeko mperekeza y'iri bwirizwa yateguwe n'abakorera mu turere ZES kuva bakihashirwa kugira bahakorere ibikorwa vyabo hamwe n'ukwemeza amategeko yerekeye ibikurikizwa mu kwemerera abikorera utwabo kuza gukorera mu turere ZES;

6° guhindura, guhagarika ivy'agateganyo, kwaka, guhagarika burundu canke gufuta impusha z'ukwemererwa gukora canke izindi mpusha zitangwa hisunzwe amategeko mperekeza y'iri bwirizwa ;

7° gufatira ibihano ishiramwe ryose riciye kubiri n'ibitegekanijwe n'iri bwirizwa, amategeko mperekeza yaryo canke amategeko mperekeza agenga uturere ZES canke aciye kubiri ku vyo ategerejwe bitegekanijwe mu masezerano.

**Agahimba ka 3 : Ububasha buhabwa urwego rujejwe gutunganya uturere ZES**

**Ingingo ya 13 :**
Abategetsi babifitiye ububasha bagumana kandi bamana ububasha bwose mu vy'intwaro bwo gukurikiranira hafi igikorwa cose co mu turere ZES kiretse hari ingingo ibitegekanya ukundi itegekanijwe n'iri bwirizwa.

Abategetsi babifitiye ububasha barashobora ariko guha ububasha urwego rujejwe gutunganya uturere ZES bwo kurangura imirimo imwimwe mu yo bashinzwe harimwo n'ibijanye n'itangwa ry'impusha, amaseredifika, impusha, inzandiko zemeza ivyakozwe n'ivyanditswe bijanye n'akazi, ugukingira ibidukikije, ukwubaka ivyubakwa canke amazu, ugukora urudandazwa, ukurangura ubuzi bwokozwe na nyenebwo canke amahinguriro hamwe n'ikindi kibazo ico ari co cose gifise ico cisangije, hisunzwe amategeko mperekeza.

Ibikurikizwa mu gutanga ubwo bubasha bitomorwa biciye mu masezerano.

**Paragraphe 4 : Le guichet unique**

**Article 14 :**
L'établissement, l'organisation et le fonctionnement du guichet unique de chaque ZES sont mis en œuvre par l'administrateur des ZES avec l'appui de tous les services publics concernés. Les missions sont précisées par décret et dans un règlement d'application.

L'administrateur des ZES conclut un protocole d'accord avec les départements ministériels concernés par les formalités qui sont du ressort du guichet unique afin d'organiser la mise à la disposition des personnels de ces départements.

Les modalités et les conditions pratiques de mise à disposition du personnel et de coordination sont définies dans le protocole d'accord.

**Article 15 :**
Chaque ZES est dotée d'un guichet unique.
Le guichet unique intègre, outre les personnels de l'administrateur des ZES, les différents services de l'Etat pour la réalisation de l'ensemble des formalités et des démarches administratives nécessaires aux activités des entreprises des ZES.

L'Organe ayant dans ses attributions l'agréement des entreprises peut également mettre à disposition de l'administrateur des ZES des membres de son personnel dans le cadre de l'exécution des missions du guichet unique.

Le guichet unique permet ainsi de :

1° centraliser les demandes d'agrément, d'autorisation, de permis ou de visa et leur traitement ;

2° fournir tout service administratif et toute information requise par les entreprises des ZES et leur personnel ;

**Agace ka 4 : Ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa**

**Ingingo ya 14 :**
Ishirwaho ry'ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa, ingene bitunganijwe n'ingene bikora bishirwa mu ngiro n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rufadikanije n'ibisata vyose vya Reta bivyerekeye. Imirimo ivyo biro bishinzwe itomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu hamwe n'amategeko mperekeza.

Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ruragiranira amasezerano n'ibisata vy'ubushikiranganji vyerekewe n'ibisabwa biri mu vy'ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa bijejwe mu ntumbero yo gutunganya ibijanye n'ishirwaho ry'abakozi b'ivyo bisata.

Ibikurikizwa n'ibisabwa bitomoye bijanye n'ugushiraho abo bakozi n'ugukurikiranira hafi ibikorwa bitomorwa n'amasezerano.

**Ingingo ya 15 :**
Akarere kose ZES karafise Ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa. Ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa, uretse abakozi b'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES, ibisata bitandukanye vya Reta bishinzwe kurangura ibitegekanijwe gukorwa vyose n'ibikurikizwa mu vy'intwaro bikenewe kugira ibikorwa vy'amashirahamwe yo mu turere ZES biranguke.

Ikigo mu vyo kijejwe harimwo kwemerera amashirahamwe kirashobora naco nyene guha urwego rujejwe gutunganya uturere ZES bamwe mu bakozi baco kugira barangure imirimo mu biro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa bishinzwe.

Ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa bifasha rero kurangura ibi bikurikira :

1° kwegeranya idosiye zisaba kwemererwa gukora hamwe n'izindi mpusha n'ukuzihweza ;

2° kurangura igikorwa cose kijanye n'intwaro no gutanga amakuru yose asabwa n'amashirahamwe akorera mu turere ZES hamwe n'abakozi bayo ;

3° assister les entreprises des ZES et leur personnel dans la délivrance sur place des agréments, des autorisations, des permis, des visas et des services de contrôle requis ;

4° accomplir l'ensemble des formalités et des démarches relatives à l'implantation des entreprises dans la ZES ;

5° appuyer les entreprises dans le développement de leurs activités à travers le centre de services.

**Article 16 :**
Chaque guichet unique fournit des services d'intermédiation administrative à toutes les entreprises des ZES aux fins de :

1° faciliter l'installation des entreprises et l'exploitation des ZES ;

2° mettre à la disposition des entreprises de la ZES tout document administratif tels les formulaires requis à l'obtention des certificats d'enregistrement des entreprises, des certificats de résidence dans les ZES, des permis ou des autorisations relatifs à l'urbanisme et à l'aménagement au sein de la ZES, des permis environnementaux, des permis d'installation sanitaire, des numéros d'identification fiscale, douanière ou foncière, des certificats d'origine ainsi que tout autre document requis par les pouvoirs publics ;

3° recevoir et traiter, via le personnel de l'administrateur des ZES et celui détaché en son sein par les administrations compétentes et contrôler l'ensemble des déclarations et des autres formalités requises notamment en matière fiscale, commerciale et sociale, devant être

3° gufasha amashirahamwe akorera mu turere ZES hamwe n'abakozi bayo mu kubahera impusha zitandukanye aho bakorera n'ukubafasha mu bikorwa vy'ugusuzuma bisabwa ;

4° gukora ibisabwa vyose n'ibikurikizwa bijanye n'ishingwa ry'amashirahamwe mu turere ZES ;

5° Gushigikira amashirahamwe mu bikorwa vyayo biciye mu kigo gitunganya ivyerekeye ubuzi bw'ibisata bitandukanye.

**Ingingo ya 16 :**
Buri biro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa birangurira amashirahamwe yose akorera mu turere ZES ibikorwa bijanye n'ivy'intwaro vyokozwe n'ibisata vya Reta mu ntumbero yo :

1° kworohereza ishingwa ry'amashirahamwe n'ugukorera mu turere ZES vyoroshe ;

2° guha amashirahamwe akorera mu turere ZES urwandiko urwo ari rwo rwose rukenewe mu vy'intwaro nk'inzandiko zuzuzwa zisabwa kugira ishirahamwe rironke iseredifika yemeza ko ishirahamwe riri ku rutonde rw'amashirahamwe yemewe, iseredifika zemeza ko umuntu aba mu karere ZES, impusha zitandukanye z'ugutegura uturere ZES zitangwa n'igisata kijejwe gutunganya ibisagara, impusha zitangwa n'abajejwe ibidukikije, impusha zerekana ko hubahirijwe ibijanye n'ugukingira amagara y'abantu, inomero ndangamutangakori, duwane canke inomero yerekana nyene itongo, iseredifika zemeza amamuko y'ikintu hamwe n'urundi rwandiko rwose ubutegetsi busaba ;

3° kwakira no kwihweza, biciye ku bakozi b'urwego rujejwe gutunganya ibikorwa vyo mu turere ZES no ku bakozi barungitswe gukoreraho n'inzego z'intwaro zibifitiye ububasha no gusuzuma inzandiko zose zishikirizwa n'ibindi bisabwa bitegerejwe nko mu bijanye n'amakori, ubudandaji hamwe

accomplies par les entreprises des ZES, à l'exception des formalités douanières sous le contrôle des agents de douane.

n'imibano, bitegerezwa kurangurwa n'amashirahamwe akorera mu turere ZES, kiretse ibisabwa bitegerejwe bijanye na duwane bigenzurwa n'abakozi ba duwane.

**Section 2 : Du comité paritaire**

**Agace ka 2 : Umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana**

**Article 17 :**
Le comité paritaire est une entité dont les modalités de création, le statut, l'organisation et le fonctionnement sont fixés par décret.

La composition du comité paritaire doit refléter une représentation équitable entre le secteur public et le secteur privé.

**Ingingo ya 17 :**
Umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana ni urwego, ibikurikizwa mu kurushiraho, ingene rutunganijwe n'ingene rukora bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana ni urwego abarugize bava mu gisata ca Reta n'ic'abikorera utwabo, bigaserukirwa ku rugero rungana.

**Paragraphe 1 : Les missions**

**Agahimba ka 1 : Imirimo y'umurwi**

**Article 18 :**
En tant qu'organe de régulation des ZES, le comité paritaire est principalement chargé de :

1° donner des conseils au gouvernement sur la stratégie de développement des ZES et leurs plans de développement ;

2° donner des conseils à l'administrateur des ZES en matière de règlement d'application ;

3° donner des conseils sur les études d'opportunité et de faisabilité ;

4° donner des conseils sur les projets de contrats ayant pour objet la promotion, le développement, l'aménagement, la gestion et l'exploitation des ZES ;

5° évaluer les performances des acteurs des ZES ; à ce titre il reçoit copie des rapports annuels de l'administrateur des

**Ingingo ya 18 :**
Nk'urwego rujejwe gucungera uturere ZES, umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana ushinzwe ahanini ibi bikurikira :

1° kugira inama urwego nshingwabikorwa rwa Reta ku bijanye n'icokorwa mu ntumbero y'uguteza imbere uturere ZES hamwe n'ugushiraho indinganizo ijanye n'ukuduteza imbere ;

2° kugira inama urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ku bijanye n'amategeko mperekeza ;

3° gushikiriza ivyokorwa ku bijanye n'ukugira ivyigwa vyerekana ko muri utwo turere hari ibituma urudandazwa rwogenda neza n'ivyigwa vyerekana ko bishoboka ko urwo rudandazwa rwohakorerwa ;

4° gushikiriza ivyokorwa ku vyerekeye integuro z'amasezerano afise intumbero y'ukumenyekanisha uturere ZES, ukuduteza imbere, ukudutegura, ukudutunganya n'ukudukoreramwo;

5° gusuzuma ko abakorera mu turere ZES bakora neza; kubera ivyo, umurwi uraronswa ikopi y'ivyegeranyo vyo ku mwaka vy'urwego rujejwe

ZES et des acteurs privés en charge de la promotion, du développement, de l'aménagement, de la gestion et de l'exploitation des ZES ;

6° assurer la médiation et la conciliation entre les acteurs des ZES ; à ce titre, il se prononce sur tout litige porté devant lui notamment en matière de recours relatif au recrutement des entreprises, d'agrément, d'autorisation, de permis, d'exécution des contrats et en matière de sanctions.

gutunganya uturere ZES n'iy'ivy'abikorera utwabo bajejwe kumenyekanisha, guteza imbere, gutegura, gutunganya n'ugukorera mu turere ZES ;

6° guhuza n'ukunywanisha abakorera mu turere ZES; kubera ivyo, umurwi urafata ingingo ku matati yose yashikirijwe nk'ayerekeye uguha akazi amashirahamwe, ugutanga uruhusha rw'ugukora hamwe n'izindi mpusha zitanga uburenganzira bwo gushira mu ngiro amasezerano no kuvyerekeye ibihano.

**Paragraphe 2 : Les pouvoirs**

**Agahimba ka 2 : Ububasha bw'umurwi**

**Article 19 :**
Dans ses missions de conseil, le comité paritaire se prononce par voie d'avis simple. En matière d'évaluation des performances, le comité paritaire produit un rapport.

En matière de médiation, le comité paritaire rend des avis. En matière de conciliation, il établit un procès-verbal quelle que soit l'issue de la conciliation.

**Ingingo ya 19 :**
Mu mirimo ushinzwe y'uguhanura, umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana uragira ico ubivuzeko mu kubimenyesha gusa.
Ku bijanye no gusuzuma ivyaranguwe, umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana, uragira icegeranyo kivyerekeye.

Ku bijanye n'igikorwa c'uguhuza, umurwi ugizwe n'impande zompi urashikiriza aho uhagaze. Ku bijanye n'igikorwa co kunywanisha, uyo umurwi uragira icegeranyo c'ivyavuye mu gikorwa c'ukunywanisha uko biri kwose.

**Section 3 : Du ministre en charge des ZES**

**Agace ka 3: Ibijanye n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES**

**Article 20 :**
Le ministre en charge des ZES assure, pour le compte du gouvernement, les missions suivantes :

1° la définition des orientations stratégiques et de coordination de la politique de développement des ZES ; à ce titre, il élabore la stratégie de développement des ZES, qu'il soumet au gouvernement pour approbation ;

2° l'amélioration continue du cadre normatif des ZES ;

**Ingingo ya 20 :**
Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES arangura kw'izina ry'urwego nshingwabikorwa rwa Reta ibi bikurikira :

1° ugutanga intumbero zirashe n'ukuroranya umugambi w'uguteza imbere uturere ZES; kubera iyo mvo, aragira integuro yerekana uburyo burashe bw'uguteza imbere uturere ZES akayishikiriza urwego nshingwabikorwa rwa Reta kugira ruyemeze ;

2° ukwama ahinyanyura amategeko yerekeye turere ZES ;

3° l'identification des secteurs prioritaires ;

3° ugutororokanya ibisata biza imbere y'ibindi ;

4° la validation des plans de développement des ZES ;

4° ukwemeza indinganizo y'imigambi y'iterambere ry'uturere ZES ;

5° la représentation au comité paritaire ;

5° uguserukira urwego nshingwabikorwa rwa Reta mu murwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana ;

6° la bonne coordination entre l'administrateur des ZES et les services de l'Etat ;

6° ugukurikiranira hafi ko ibikorwa vy'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES biroranye n'ivy'ibisata vya Reta ;

7° la validation des protocoles d'accord signés avec les départements ministériels et des règlements d'application des ZES élaborés par l'administrateur des ZES ;

7° ukwemeza amasezerano abakorera mu turere ZES bagiranye n'ubushikiranganji butandukanye hamwe n'amategeko mperekeza yateguwe n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;

8° la validation conjointe avec le ministre en charge des finances, des contrats signés par l'administrateur des ZES.

8° ukwemereza hamwe n'umushikiranganji ajejwe ubutunzi amasezerano yashizweko umukono n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES.

**Section 4 : Du fonds de financement des ZES**

**Agace ka 4 : Ibijanye n'ikigega co gushigikira uturere ZES**

**Article 21 :**
Il est créé un fonds de financement des ZES.

L'organisation et le fonctionnement du fonds de financement des ZES sont fixés par décret.

**Ingingo ya 21 :**
Harashinzwe ikigega co gushigikira uturere ZES.

Ingene ikigega co gushigikira uturere ZES gitunganywa n'ingene gikora bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

**Article 22 :**
Les missions du fonds de financement des ZES sont les suivantes :

1° assurer le financement des obligations de l'Etat en matière de la mise à la disposition des terrains des ZES à l'administrateur des ZES, le cas échéant, à travers l'indemnisation des populations expropriées ;

**Ingingo ya 22 :**
Imirimo yo gushigikira ikigega c'uturere ZES n'iyi ikurikira :

1° kuriha amafaranga kubitegerejwe na Reta mu vyerekeye kuronsa amatongo urwego rujejwe gutunganya uturere ZES, iyo bikenewe, mu guha umuzibukiro abanyagihugu amatongo yabo yakozweko n'uwo mugambi ;

2° appuyer les structures publiques en charge des ZES dans l'exécution de leurs missions, notamment le ministère en charge des ZES et l'administrateur des ZES ;

2° gushigikira inzego za Reta zijejwe uturere ZES mw'irangurwa ry'imirimo zijejwe na canecane ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo uturere ZES hamwe n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;

3° coordonner la mobilisation du financement des ZES en relation avec les institutions financières internationales et nationales, publiques ou privées ;

3° guhagararira ibikorwa bijanye n'ukurondera amafaranga akoreshwa n'uturere ZES gikoranye n'amashirahamwe mpuzamakungu n'ayo mu gihugu asanzwe akorera mu bisata vy'ubutunzi vya Reta canke ivyo abikorera utwabo ;

4° appuyer le secteur privé local dans le cadre de son installation dans les ZES ;

4° gushigikira igisata c'abikorera utwabo co mu micungararo y'akarere ZES mu ntubero yo kucinjiza mu karere ZES ;

5° intervenir, à la demande du gouvernement ou de l'administrateur des ZES, comme actionnaire de toute société en charge de la promotion, du développement, de l'aménagement, de la gestion et de l'exploitation des ZES.

5° gushigikira, bisabwe n'urwego nshingwabikorwa rwa Reta canke n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES, co kimwe n'uwufise imitahe mw'ishirahamwe iryo ari ryo ryose mu bijanye no kumenyekanisha, uguteza imbere, ugutegura, ugutunganya n'ugukorera mu turere ZES.

## CHAPITRE III : DES MODALITES DE DEVELOPPEMENT DES ZES

## IGICE CA III : IBIKURIKIZWA MU GUTEZA IMBERE UTURERE ZES

### Section 1 : Des études d'opportunité

### Agace ka 1 : Ivyigwa vyerekana icizere

**Article 23 :**
Sur base des études stratégiques, le ministère en charge des ZES a pour mission de conduire, en collaboration avec l'administrateur des ZES et le comité paritaire des ZES, des études d'opportunité dont l'objectif est d'encadrer le processus de création des ZES et d'en proposer la création sur base d'une approche multicritère.

**Ingingo ya 23 :**
Hafatiwe ku vyigwa bifasha mu gutegura umugambi, ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo uturere ZES, bushinzwe kurongora, bufadikanije n'urwego rujejwe uturere ZES n'umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana, ivyigwa vyerekana icizere ko uwo mugambi ushoboka intumbero ya vyo ikaba ari iyo gukurikiranira hafi umugambi w'ugushinga uturere ZES hamwe no gusaba ko dushingwa hafatiwe ku vyisungwa bitandukanye.

**Article 24 :**
La création de la ZES est proposée après étude d'opportunité qui prend en compte les critères suivants :

**Ingingo ya 24 :**
Ugusaba ko hashingwa uturere ZES bigirwa hamaze gukorwa ivyigwa vyizeza ko umugambi ushoboka bifatira ku vyisungwa bikurikira :

| | |
|---|---|
| 1° la cohérence avec les objectifs des plans de développement, des stratégies industrielles du pays et des secteurs prioritaires identifiés ; | 1° kuba bihuye n'amahangiro y'indinganizo y'imigambi y'iterambere, uburyo burashe mu bijanye n'ugushinga amahinguriro mu gihugu n'ibisata bishirwa imbere y'ibindi ; |
| 2° la prise en compte des avantages comparatifs du Burundi dans les segments industriels dont le développement est envisagé dans la ZES ; | 2° ku turusho Uburundi bworonka mu bijanye n'amahinguriro ategekanywa gushirwa mu karere ZES ; |
| 3° la destination des produits pour l'exportation ou le marché domestique et le niveau de transformation requis ; | 3° ahaja ibidandazwa bishorwa hanze y'igihugu canke mu masoko yo mu gihugu hamwe no ku rugero rusabwa rw'ukubihingura ; |
| 4° les possibles complémentarités régionales avec d'autres pays membres des mêmes communautés économiques régionales ; | 4° ku vyo ibindi bihugu vyo mu karere Uburundi burimwo hamwe n'ibindi bihugu bigize imiryango mu vyerekeye ubutunzi vyofashanyamwo n'Uburundi ; |
| 5° les capacités du secteur privé local d'accompagner le développement de la ZES ; | 5° ku bushobozi bw'igisata c'abikorera utwabo bo mu micungararo gifise bwo gushigikira iterambere ry'akarere ZES ; |
| 6° l'environnement économique de la ZES matérialisé notamment par : | 6° ku butunzi buri mu karere ZES bugizwe ahanini n'ibi bikurikira : |
| a) l'existence de matières premières ou d'industries présentes à proximité ; | a) ibintu bikoreshwa mu guhingura ibindi bihari canke amahinguriro ari mu micungararo y'ako karere ; |
| b) l'existence d'un marché de destination des produits ; | b) isoko ishorerwamwo ivyahinguwe ; |
| c) l'existence d'un tissu d'entreprises pouvant intervenir comme acheteurs ou fournisseurs des entreprises de la ZES ; | c) amashirahamwe ashobora kugura canke gutanga ibidandazwa mu karere ZES ; |
| d) l'existence d'une main d'œuvre locale qualifiée ; | d) abakozi bo muri ako karere babifitiye ubumenyi ; |
| 7° la disponibilité et la structure des terres à intégrer dans le périmètre de la ZES en se référant à leur statut ; | 7° amatongo hamwe n'uko ameze agenewe gushirwa mu karere ZES hisunzwe ingene afatwa imbere y'amategeko ; |
| 8° la compatibilité du projet de la ZES avec les schémas directeurs d'aménagement et d'urbanisme pertinents de la région au sein de laquelle il doit s'insérer ; | 8° ukuba umugambi w'akarere ZES uhuye n'integuro z'ingene amatongo n'ibisagara bitunganywa aho akarere ZES gategerezwa gushirwa ; |

9° l'existence à proximité d'un réseau d'infrastructures et de moyens de transport ainsi que des voies de communication adéquates pour la mise en place d'une logistique servant d'acheminement des produits en vue de leur commercialisation ;

10° la possibilité d'accès à l'eau et à l'électricité ;

11° la possibilité de mise en place de voies d'assainissement du site ;

12° l'impact du projet au plan environnemental et social. A ce titre, une étude programmatique doit précéder l'étude d'impact environnemental et social de la ZES afin d'obtenir un diagnostic du projet de la création de la ZES dans le milieu géographique d'implantation, en intégrant les aspects stratégiques et socio-économiques de la région.

9° ukuba mu micungararo hari amabarabara n'uburyo bw'ukwiyunguruza hamwe n'uburyo bubereye bw'ugutumatumanako mu ntumbero y'ugushiraho ibikoresho bigenewe kwunguruza ivyahinguwe kugira bidandazwe ;

10° ukuba hashobora gushika amazi n'umuyagankuba ;

11° ukuba hashobora gushirwa inzira zikoreshwa mu vyerekeye isuku n'isukura ry'ico kibanza ;

12° ingaruka z'umugambi ku bijanye n'ibidukikije no ku mibano. Kubera ivyo , hategerezwa kubanza kugirwa ivyigwa vy'integuro y'umugambi imbere y'ivyigwa bijanye n'ingaruka ku bidukikije no ku mibano vy'akarere ZES mu ntumbero y'ukumenya ingaruka zoturuka kw'ishingwa ry'akarere ZES aho hantu, hagashirwamwo n'uburyo burashe bwokwisungwa hamwe n'ibijanye n'imibano n'ubutunzi vy'aho hantu.

## Section 2 : De la création d'une ZES

## Agace ka 2 : Ishingwa ry'akarere ZES

### Article 25 :

Une ZES est créée par décret après avis du comité paritaire et validation par le ministre en charge des ZES de l'étude d'opportunité.

Il précise :

1° la vocation de la ZES ;

2° le périmètre de la ZES ;

3° les critères d'éligibilité des entreprises ;

4° la destination des produits développés ;

5° les incitations, les avantages, les privilèges ou les exonérations dont bénéficient les entreprises dans la ZES.

### Ingingo ya 25 :

Akarere ZES gashingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu, inyuma y'uko umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana umaze kugira ico ubivuzeko kandi n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES amaze kwemeza ivyigwa vyizeza ko hari ibituma umugambi ushoboka.

Iryo tegeko riratomora :

1° ico akarere ZES gahamagariwe gushikako ;

2° aho akarere ZES kagarukira ;

3° ibifatirwako kugira amashirahamwe yemererwe gukorere mu karere ZES ;

4° aho ibidandazwa bihinguwe bishorerwa ;

5° ibikwegakwega amashirahamwe akorera mu karere ZES, uturusho ahabwa, ugushirwa imbere y'ayandi mashirahamwe canke ingene akurwako amakori.

**Article 26 :**
La création d'une ZES peut être consécutive à une initiative privée qui propose son développement sur un terrain privé.

Toutefois, le statut de la ZES ne peut résulter que d'un décret pris sur base :

1° d'une étude d'opportunité réalisée par son initiateur et répondant aux critères de création visés à l'article 25 de la présente loi ;

2° d'une étude d'impact environnemental et social et d'un plan de gestion des risques y afférents approuvé par les autorités compétentes ;

3° d'un plan de développement de la ZES établi conformément aux dispositions de l'article 27 ci-après.

La ZES créée sur la base d'une initiative privée reste soumise à l'administration et au contrôle de l'administrateur des ZES.

**Ingingo ya 26 :**
Akarere ZES karashobora gushingwa bivuye ku ciyumviro c'abikorera utwabo basaba ko koshingwa mw'itongo ryabo.

Ariko, amategeko ngenderwako y'akarere ZES ategerezwa kwisunga gusa itegeko ry'Umukuru w'Igihugu hafatiwe :

1° ku vyigwa vyizeza ko umugambi ushoboka bigirwa n'uwatanguje umugambi kandi vyisunga ibifatirwako mu kuwushinga bivugwa mu ngingo ya 25 y'iri bwirizwa ;

2° ku vyigwa vyerekana ingaruka ku bidukikije no ku mibano hamwe n'indinganizo yerekana ingene hotorerwa inyishu ibibazo bishobora kwaduka bijanye yemejwe n'abarongozi babifitiye ububasha ;

3° ku ndinganizo y'imigambi y'iterambere ry'akarere ZES itegurwa hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 27 ikurikira.

Akarere ZES gashinzwe hafatiwe ku ciyumviro c'abikorera utwabo, kaguma gatunganywa kakongera kagacungerwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES.

**Section 3 : Des études de faisabilité**

**Article 27 :**
Les études de faisabilité sont réalisées par l'administrateur des ZES. Elles ont pour objet de compléter les études d'opportunité à travers une évaluation approfondie des conditions techniques, industrielles, socio-économiques, de contenu local, administratives, foncières, juridiques, économiques, financières, fiscales et environnementales du projet permettant d'en définir la structuration publique ou publique-privée, ses modalités de financement, sa soutenabilité budgétaire, son modèle financier et son schéma contractuel.

**Agace ka 3 : Ivyigwa vyerekana ko umugambi wo mu turere ZES ushoboka kurangurwa**

**Ingingo ya 27 :**
Ivyigwa vyerekana ko umugambi wo mu turere ZES ushoboka bigirwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES. Ivyo vyigwa bifise intumbero y'ukwunganira ivyigwa vyizeza ko hari ibituma umugambi ushoboka bigirwa biciye mw'isuzuma ryimbitse ry'ubuhinga bukoreshwa, amahinguriro, imibano n'ubutunzi, ibiri aho hantu, intwaro, amatongo, amategeko, ubutunzi, amafaranga ahari, amakori n'ibidukikije vyerekeye umugambi bituma hatomorwa indinganizo ya Reta canke iya Reta ifadikanije n'abikorera utwabo, ingene bazofatwa mu mugongo, ibikurikizwa mu kurondera uburyo bw'ugukora uwo mugambi, ico uwo mugambi uterera mu kigega ca Reta, ingene umugambi utunganijwe mu vyerekeye amafaranga azokoreshwa n'uko amasezerano azogirwa azoba ameze.

**Article 28 :**
L'administrateur des ZES, sur base du résultat des études de faisabilité, élabore un plan de développement des ZES qu'il soumet pour avis au comité paritaire et pour approbation au ministre en charge de ZES et au ministre en charge des finances.

Le plan est un élément essentiel de la définition du cahier des charges de l'administrateur des ZES, des partenaires privés dans les missions qui leur sont confiées ou des plans d'affaires des entreprises qui souhaitent s'installer dans les ZES; l'administrateur des ZES en assure la publication.

Le plan de développement constitue pour l'administrateur des ZES la feuille de route du développement des ZES. Il précise notamment les segments industriels devant y être développés, les niveaux de transformation attendus des matières premières exploitées, les chaînes de valeur à développer, les besoins en termes d'import-substitution, les obligations de performance attendues des acteurs privés en termes de transfert de technologies, de formation, de contenu local et le niveau des engagements financiers de la part de l'Etat.

Le plan de développement est révisé annuellement.

L'administrateur des ZES peut, pour la réalisation des études de faisabilité, solliciter l'appui de l'Organe en charge de la réalisation des contrats de partenariat public-privé.

**Ingingo ya 28 :**
Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES, rufatiye ku vyavuye mu vyigwa vyerekana ko umugambi wo mu turere ZES ushoboka kurangurwa, ruragira indinganizo y'imigambi y'iterambere ry'uturere ZES rushikiriza umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana kugira igire ico ibivuzeko no kugira Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ZES hamwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta bayemeze.

Iyo ndinganizo ni nkenerwa cane mu gutomora ivyo urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rushinzwe, ku bikorera ivyabo bafashanya na rwo mu mirimo bashinzwe canke indinganizo z'imigambi z'amashirahamwe yipfuza gukorera mu turere ZES; urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ni rwo rushinzwe kubitangaza.

Indinganizo y'imigambi y'iterambere ni urwandiko rw'imigambi y'iterambere ry'uturere ZES rwisungwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES. Iratomora canecane ibisata vy'amahinguriro bitegerezwa kuhashingwa, urugero rwitezwe rwo guhingura ibihingurwamwo ibindi, uruhererekane rw'ibikorwa ku bihingurwa rwokurikizwa, uguhingura ibisubirira ivyoguriwe mu mahanga, ibitegerejwe vyitezwe ku bikorera utwabo bijanye n'uguhanahana ubuhinga, ugutanga inyigisho, ivyo uturere dusanganywe, hamwe n'urugero rw'amafaranga Reta itanga.

Indinganizo y'imigambi y'iterambere isubirwamwo ku mwaka ku mwaka.

Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rurashobora, mu kugira ivyigwa vyerekana ko umugambi ushoboka kurangurwa, gusaba ko rushigikirwa n'urwego rujejwe gufasha mw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano y'ingene Reta ikorana n'abikorera utwabo.

## CHAPITRE IV : DES ACTEURS PRIVES DU DEVELOPPEMENT DES ZES

### Section 1 : Des missions et des obligations des acteurs privés

**Article 29 :**
Les acteurs privés interviennent dans la ZES selon les modalités suivantes :

1° comme titulaires d'un contrat de promotion, de développement, d'aménagement, de gestion, d'exploitation de la ZES conclu avec l'administrateur des ZES ;

2° comme entreprises de la ZES bénéficiant ou non d'un agrément ouvrant le droit aux incitations, aux avantages, aux privilèges, aux exonérations prévus dans la présente loi.

**Article 30 :**
Les obligations des acteurs privés sont précisées dans les contrats afférents à leurs missions.

Toutefois, avant le début des activités, les acteurs privés sont tenus de présenter à l'administrateur des ZES leurs plans de gestion des risques environnementaux ainsi qu'un plan de gestion de la responsabilité sociétale.

**Article 31 :**
Les acteurs des ZES ont pour obligations de soumettre à l'administrateur des ZES, dans un délai n'excédant pas trois mois suivant la clôture de chaque année financière, un rapport annuel qui fournit notamment les informations et les documents suivants :

1° la liste des investissements entrepris au cours de l'année financière et la liste des investissements prévus pour l'année financière suivante ;

## IGICE CA IV : IVYEREKEYE ABIKORERA UTWABO BAFISE URUHARA MW'ITERAMBERE RY'UTURERE ZES

### Agace ka 1 : Ivyo abikorera utwabo bashinzwe n'ivyo bategerejwe

**Ingingo ya 29 :**
Abikorera utwabo bagira uruhara mu karere ZES hisunzwe ibi bikurikira :

1° nk'abafise amasezerano y'ukumenyekanisha, uguteza imbere, ugutegura ibibanza, ugutunganya, ugukorera mu karere ZES bagiraniye n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;

2° nk'amashirahamwe yo mu karere ZES afise canke adafise uruhusha rw'ugukora ruyaha uburenganzira bw'ukworoherezwa, ukuronswa uturusho, ugushirwa imbere y'ayandi mashirahamwe, ugukurwako amakori bitegekanijwe muri iri bwirizwa.

**Ingingo ya 30 :**
Ivyo abikorera utwabo bategerejwe bitomorwa n'amasezerano yerekeye imirimo bashinzwe.

Ariko, imbere yuko batangura ibikorwa, abikorera utwabo bategerezwa gushikiriza urwego rujejwe gutunganya uturere ZES indinganizo y'ingene bazoshobora gutorera inyishu ibibazo bijanye n'ibidukikije bishobora gushika hamwe n'indinganizo y'ivyo biyemeza gukora mu gihe hoba inkurikizi ziturutse ku vyo bakora.

**Ingingo ya 31 :**
Abakorera mu turere ZES bategerezwa gushikiriza urwego rujejwe gutunganya uturere ZES, mu kiringo kitarenza amezi atatu kuva harangiye ikiringo c'umwaka ikori ritangwamwo, icegeranyo co ku mwaka cerekana canecane amakuru hamwe n'inzandiko bikurikira :

1° urutonde rw'imitahe yashinzwe mu kiringo c'umwaka ikori ritangwamwo n'urutonde rw'imitahe itegekanywa ku mwaka ukurikira ;

2° la spécification des terrains des ZES en cours d'aménagement ;

3° l'actualisation des informations concernant les emplois créés au sein de la ZES au cours de l'année ;

4° la situation de la formation fournie aux employés ;

5° le volume des importations, des exportations et des ventes sur le territoire douanier national ;

6° le volume d'emplois créés et l'état de réalisation de toute autre obligation de performance contractuelle à laquelle ils sont soumis comme les transferts de technologies, le niveau de recours à la sous-traitance locale et aux matières premières locales ainsi que le niveau de chiffre d'affaires développé avec les petites et moyennes entreprises locales ;

7° les états financiers et autres livres, les archives et les registres comptables de l'entreprise conformément aux normes nationales et internationales.

**Section 2 : Des droits des acteurs privés des ZES**

**Article 32 :**
Les acteurs privés en charge de la promotion, du développement, de l'aménagement, de la gestion et de l'exploitation des ZES bénéficient des droits suivants :

1° l'éligibilité aux incitations, aux avantages, aux privilèges ou aux exonérations prévus par la présente loi ;

2° la jouissance des droits sur les terrains objet d'une concession foncière ou d'un bail consécutif au contrat conclu conformément aux dispositions de la présente loi et la jouissance des biens situés sur ces terrains ;

2° ukugenera amatongo y'uturere ZES ariko aratunganywa ico azokoreshwa ;

3° ishirwa ku gihe ry'amakuru yerekeye ubuzi bwatanzwe mu karere ZES muri uwo mwaka ;

4° uko inyigisho zahawe abakozi zagenze ;

5° uko ivyinjijwe mu gihugu bingana, ivyashorewe mu mahanga hamwe n'ivyagurishirijwe mu karere duwane ikoreramwo mu gihugu ;

6° uko ubuzi bwatanzwe bungana n'urugero bashitseko mu gukurikiza ico cose bategerejwe gushikako kiri mu masezerano nk'uguhanahana ubuhinga, urugero rw'ukwikora ku barangura igikorwa bo mu gihugu cokozwe n'uwatsindiye isoko n'ibihingurwamwo ibindi vyo mu gihugu hamwe n'amafaranga binjije ku mwaka bafadikanije n'amashirahamwe matomato n'ayagereranye yo mu gihugu ;

7° uko ikigega cifashe hamwe n'izindi nzandiko z'ivyerekeye amafaranga, inzandiko ziri mu bubiko hamwe n'ibitabu vyerekana amafaranga yinjiye n'ayasohotse vy'ishirahamwe hisunzwe ibikurikizwa ku rwego rw'igihugu na mpuzamakungu.

**Agace ka 2 : Ivyo abikorera utwabo bakorera mu turere ZES bafitiye uburenganzira**

**Ingingo ya 32 :**
Abikorera utwabo bajejwe kumenyekanisha, guteza imbere, gutegura, gutunganya hamwe n'ugukorera mu turere ZES bafise uburenganzira bukurikira:

1° ukworoherezwa, ukuronswa uturusho, ugushirwa imbere y'ayandi mashiramwe canke ugukurwako amakori bitegekanywa n'iri bwirizwa ;

2° ukuronswa uburenganzira bw'ugukoresha amatongo batijwe canke bakose bivuye ku masezerano yapfunditswe hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa hamwe n'ugukoresha amatungo ari kuri ayo matongo ;

3° la faculté de sous-louer les terrains de la ZES et les autres biens situés sur ces terrains et la faculté de percevoir librement le loyer correspondant, sous réserve des dispositions du contrat conclu avec l'administrateur des ZES ;

4° la mise en valeur des terrains et d'autres biens situés sur ces terrains ;

5° la faculté de fourniture et de libre facturation des services de base ou de tout autre service pour satisfaire les besoins des entreprises de la ZES, sous réserve des dispositions du contrat conclu avec l'administrateur des ZES ;

6° la faculté de conclure des contrats avec des entreprises tierces en vue de la réalisation de leurs missions.

**Articles 33 :**
Toute entreprise de la ZES titulaire d'un agrément jouit des droits précisés dans le cahier des charges annexé à l'agrément.

Il s'agit des droits de :

1° mener toute activité industrielle, commerciale et économique non interdite par la présente loi et la réglementation en vigueur au sein de la ZES ;

2° occuper en tant que locataire des terrains de la ZES qui lui ont été attribués en vertu d'une concession foncière ou d'un contrat de bail conformément aux dispositions de la présente loi ;

3° construire tout bâtiment nécessaire à l'exercice de son activité sous réserve du respect de la législation en vigueur ;

4° vendre librement ses produits sous réserve des dispositions de la législation en vigueur ;

3° ugukotesha ku bandi amatongo yo mu turere ZES n'ayandi matungo ari kuri ayo matongo no gutoza mu mwidegemvyo amafaranga y'ugukotesha bihuye, hatirengagijwe ibitegekanijwe mu masezerano bagiriraniye n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;

4° ugukoresha amatongo n'ayandi matungo ari kuri yo ;

5° ugukorera abandi ubuzi bw'ibanze n'ugushinga ibiciro bijanye mu mwidegemvyo canke ubundi buzi bwose kugira amashirahamwe akorera mu turere ZES aronke ivyo vyose akeneye, hatirengagijwe ibitegekanijwe mu masezerano bagiraniye n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;

6° ukugiranira amasezerano n'ayandi mashirahamwe mu ntumbero y'ukurangura imirimo yabo.

**Ingingo ya 33 :**
Ishirahamwe ryose rikorera mu karere ZES rifise uruhusha ruryemerera kuhakorera riba rifise uburenganzira butomowe mu rwandiko rwerekana ivyo rushinzwe ruherekeza uruhusha rw'ugukora.

Ubwo burenganzira ni ubwo :

1° gukora igikorwa cose kijanye n'uguhingura, ukudandaza n'ubutunzi kitabujijwe n'iri bwirizwa hamwe n'amategeko asanzwe akurikizwa mu karere ZES ;

2° kuhakorera nk'uwukose amatongo y'uturere ZES yahawe biciye mu masezerano y'intizo y'itongo canke ay'ugukota hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa ;

3° kwubaka inyubakwa iyo ari yo yose ikenewe mw'irangurwa ry'ibikorwa vyaryo hatirengagijwe ko amategeko asanzwe akurikizwa yubahirizwa ;

4° kugurisha mu mwidegemvyo ivyo ryahinguye hatiregengijwe ko amategeko asanzwe akurikizwa yubahirizwa ;

5° participer à tout programme de financement établi par l'administrateur des ZES ;

6° recruter librement un burundais ou un étranger conformément à la législation en vigueur ;

7° bénéficier des avantages fiscaux et douaniers prévus par la législation en vigueur ;

8° transférer librement ses fonds et ses biens conformément aux dispositions de la présente loi en matière de change et aux autorisations préalables, le cas échéant ;

9° exercer tout autre droit énoncé dans l'agrément octroyé à l'entreprise.

**Article 34 :**
Les entreprises qui fournissent des services dans les ZES, titulaires d'une autorisation d'installation bénéficient des droits conférés par l'autorisation.

Il s'agit notamment :

1° du droit d'accéder à la ZES et du droit de s'y installer ;

2° du droit de bénéficier des services de la ZES sous réserve des accords conclus avec l'administrateur des ZES ou avec tout autre acteur privé de la ZES ;

3° du droit de vendre librement ses produits ou ses services sous réserve du respect de l'autorisation accordée.

5° kugira uruhara mu ndinganizo yose y'ukurondera amafaranga azokoreshwa mu bikorwa iteguwe n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ;

6° guha akazi umurundi canke umunyamahanga mu mwidegemvyo hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa ;

7° kuronswa uturusho mu vyerekeye amakori n'amafaranga ya duwane bisanzwe bitegekanijwe n'amategeko asanzwe akurikizwa ;

8° kurungika mu mwidegemvyo amafaranga n'amatungo yaryo hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa mu vyerekeye ukuvunja amafaranga n'ukubanza kuronka uruhusha, iyo bikenewe ;

9° kugira ubundi burenganzira bwose butegekanijwe mu ruhusha rwemerera iryo shirahamwe gukora.

**Ingingo ya 34 :**
Amashirahamwe arangurira abandi ubuzi mu turere ZES, asanzwe afise uruhusha rw'ukuhakorera araronswa uburenganzira ahabwa n'urwo ruhusha.

Ubwo nabwo ni nk'ubu bukurikira :

1° uburenganzira bwo gushika mu karere ZES n'ukugira uburenganzira bwo kuhakorera ;

2° uburenganzira bwo kurangurirwa ivyo vyose akarere ZES gasanzwe karangurira abandi hatirengangijwe amasezerano yagiraniye n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES canke uwundi wese ari mu bikorera utwabo akorera mu karere ZES ;

3° uburenganzira bwo kugurisha mu mwidegemvyo ivyo yahinguye canke ubuzi hatirengagijwe ko uruhusha yahawe rwubahirizwa.

**Article 35 :**
L'Etat est responsable de la protection des investissements étrangers.

Tous les droits de propriété privée individuelle et collective jouissent d'une protection contre toute mesure visant la nationalisation, l'expropriation ou la réquisition de manière discriminatoire ou arbitraire.

L'Etat s'interdit d'exproprier tout bien de la propriété privée, y compris tout investissement de la ZES, de manière directe ou indirecte, sauf pour cause d'utilité publique et sur une base non discriminatoire.

En cas d'expropriation pour cause d'utilité publique, l'exproprié reçoit une indemnité juste, effective et préalable. Tout manquement à cette obligation engage la responsabilité de l'Etat.

Toute personne physique ou morale victime d'une expropriation irrégulière constatée par une décision judiciaire coulée en force de chose jugée a droit à une restitution immédiate de la propriété expropriée, en plus des dommages-intérêts compensatoires du préjudice subi.

**Ingingo ya 35 :**
Reta ni yo ijejwe gukingira imitahe y'abanyamahanga.

Amatongo yiganziwe n'umuntu canke rusangi arafise uburenganzira bwose bw'ugukingirwa ingingo yose ifise intumbero y'ukuyashira mu minwe ya Reta, ukuyasohoramwo beneyo canke ukuyafata biciye mu buryo bukumira canke ata mategeko yisunzwe.

Reta iririnda kwigarurira ikintu ico ari co cose kiri mw'itongo ry'umuntu harimwo n'ukuhashinga imigambi y'iterambere ry'akarere ZES, ibikoze yo nyene ubwayo canke ibicishije mu bundi buryo, kiretse mu gihe ari ku neza ya bose kandi ata kurenganya.

Mu gihe umuntu akuwe mw'itongo ku neza ya bose, arahabwa umuzibukiro uhuye n'agaciro k'iryo tongo kandi akawuronswa imbere y'ugukurwa muri iryo tongo. Igihe uwo muzibukiro udatanzwe uko bitegekanijwe, Reta ni yo ibibazwa.

Umuntu wese canke ishirahamwe ryose asohowe mw'itongo bidaciye mu mategeko bikagaragazwa n'ingingo y'ubutungane yamaze kuba ntabanduka arafise uburenganzira bwo guca asubizwa itongo yari yasohowemwo, akongera agahabwa indishi y'akababaro ihuye n'agahombo yagize.

## CHAPITRE V : DU RECRUTEMENT DES ACTEURS PRIVES DU DEVELOPPEMENT DES ZES

### Section 1 : Des modalités de recrutement des titulaires de contrat de promotion, de développement, d'aménagement, de gestion et d'exploitation des ZES

**Article 36 :**
Les missions afférentes aux activités de promotion, de développement, d'aménagement, de gestion et d'exploitation exécutées pour le compte de l'administrateur des ZES font l'objet de procédures d'appel d'offres initiées par l'administrateur des ZES.

## IGICE CA V : IVYEREKEYE UGUHA AKAZI ABIKORERA UTWABO BAFISE URUHARA MW'ITERAMBERE RY'UTURERE ZES

### Agace ka 1 : Ibikurikizwa mu guha akazi abasanzwe bafise amasezerano y'akazi yo guteza imbere uturere ZES, ukudutegura, ukudutunganya n'ukudukoreramwo

**Ingingo ya 36 :**
Imirimo ijanye n'ibikorwa vyo kumenyekanisha, guteza imbere, gutegura, gutunganya n'ugukorera mu turere ZES irangurwa kw'izina ry'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ikorwa biciye mu buryo bw'uguhiganirwa isoko butegurwa n'urwo rwego.

L'administrateur des ZES élabore les dossiers d'appel d'offres, précise les critères de recrutement, procède à l'évaluation des offres des candidats et des soumissionnaires et négocie les contrats y afférents. Il est appuyé dans l'exécution de ces activités par les services du ministère en charge des ZES et, le cas échéant, des départements ministériels concernés, notamment ceux en charge des impôts et des douanes, ou de l'organe en charge de la réalisation des contrats de partenariat public-privé.

Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rurategura idosiye zo guhiganirwa isoko, rugatomora ibifatirwako mu gutanga akazi, rugasuzuma ivyashikirijwe n'abasaba akazi hamwe n'abahiganirwa isoko, rukongera rukumvikana ku masezerano avyerekeye. Rufashwa mw'irangurwa ry'ivyo bikorwa n'ibisata vyo mu bushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo uturere ZES hamwe n'iyo bikenewe, ibisata vyo mu bushikiranganji butandukanye vyerekeye na canecane ivyo mu vyo bijejwe harimwo amakori n'amaduwane canke urwego rujejwe gushira mu ngiro amasezerano ya Reta n'abikorera utwabo.

**Article 37 :**
Les modalités de recrutement sont précisées par voie de règlement d'application de l'administrateur des ZES. Les critères de recrutement prennent en compte le plan de développement de la ZES.

**Ingingo ya 37 :**
Ibikurikizwa mu kwinjiza abakozi mu kazi bitomorwa n'amategeko mperekeza ashingwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES. Ibifatirwako mu kwinjiza abakozi mu kazi vyisunga indinganizo y'uguteza imbere akarere ZES.

**Article 38 :**
Les contrats de promotion, de développement, d'aménagement, de gestion et d'exploitation des ZES sont soumis au comité paritaire pour avis, aux ministres en charge des ZES et des finances pour validation et au Conseil des ministres pour approbation.

**Ingingo ya 38 :**
Amasezerano y'ukumenyekanisha uturere ZES, ukuduteza imbere, ukudutegura, ukudutunganya n'ayatanga uburenganzira bw'ukudukoreramwo ategerezwa gusuzumwa na komite igizwe n'impande zompi ku rugero rungana mu turere ZES kugira igire ico ibivuzeko, agashikirizwa Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta kugira bayihweze hamwe n'Inama nshikiranganji kugira iyemeze.

**Section 2 : Des modalités de recrutement des entreprises des ZES**

**Agace ka 2 : Ibikurikizwa mu guha akazi amashirahamwe yo mu turere ZES**

**Article 39 :**
Toute entreprise de droit burundais, quelle que soit l'origine de son capital doit, pour bénéficier d'un agrément ou d'une autorisation d'installation, formuler une demande auprès de l'administrateur des ZES ou auprès du gestionnaire ou de l'exploitant de la ZES, qui émet un avis à l'attention de l'administrateur des ZES.

**Ingingo ya 39 :**
Ishirahamwe ryose rigengwa n'amategeko y'Uburundi, aho umutahe waryo woba uvuye hose, kugira ryemererwe gukora canke rihabwe uruhusha rw'ugushira ibikoresho mu karere ZES rirashikiriza urwandiko rw'ukubisaba urwego rujejwe gutunganya uturere ZES canke uwujejwe gutunganya akarere ZES canke uwuhakorera akagira ico ashikirije urwo rwego.

Est annexé à cette demande, un plan d'affaires détaillé et le cas échéant, une étude d'impact environnemental et social.

**Article 40 :**
L'administrateur des ZES octroie un agrément ou une autorisation d'installation, sur base des critères d'éligibilité prévus par la présente loi.

Les modalités de délivrance des agréments ou des autorisations d'installation et des contrats de concession foncière ou de bail y afférents sont précisées par ordonnance du ministre en charge des ZES ou dans un règlement d'application.

**Article 41 :**
La demande d'agrément doit répondre aux critères spécifiques de développement de la ZES définis dans la présente loi, dans le décret portant création de la ZES ou dans son règlement d'application.

Il s'agit notamment des critères suivants :

1° la cohérence de l'activité projetée avec la vocation et les objectifs de la ZES tels que précisés dans son plan de développement ;

2° l'injection de nouveaux investissements dans les activités productives et de transformation ;

3° le développement de chaînes de valeur ;

4° le transfert de technologies modernes et de savoir-faire dans le pays ;

5° l'utilisation de matières premières locales ;

6° la création d'échanges commerciaux en amont et en aval dans l'économie ;

Kuri urwo rwandiko rw'ukubisaba, harongerwako indinganizo y'ibikorwa vyose vy'ishirahamwe, n'iyo bikenewe, icigwa cerekana ingaruka ku bijanye n'ibidukikije hamwe no ku mibano.

**Ingingo ya 40 :**
Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ruratanga uruhusha rw'ugukora canke uruhusha rw'ugushira ibikoresho mu karere ZES, hisunzwe ibifatirwako mu guhitamwo ishirahamwe ryemererwa gukora bitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Ibikurikizwa mu gutanga impusha z'ugukora canke impusha z'ugushira ishirahamwe mu karere ZES hamwe n'amasezerano y'ugutiza amatongo canke y'ugukota avyerekeye bitomorwa n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES canke mu mategeko mperekeza.

**Ingingo ya 41 :**
Urwandiko rw'ugusaba uruhusha rw'ugukora rutegerezwa kwisunga ibifatirwako vyerekeye uguteza imbere uturere ZES bitomowe muri iri bwirizwa, mw'itegeko ry'Umukuru w'igihugu rishinga akarere ZES canke mu mategeko mperekeza yako.

Ibifatirwako ni nk'ibi bikurikira :

1° ukuba igikorwa gitegekanywa gukorwa gihuye n'umuhamagaro n'intumbero za ZES nk'uko bitomorwa mu ndinganizo y'iterambere ry'akarere ZES ;

2° ugushira imitahe mishasha mu bikorwa vy'ukugwiza umwimbu n'ivy'ukuwuhingura ;

3° uguteza imbere uruhererekane rw'ibikorwa ku bihingurwa ;

4° uguhanahana ubuhinga bwa none n'ubuhinga bw'ugukora ikintu mu gihugu ;

5° ugukoresha ibihingurwamwo ibindi vyo mu gihugu ;

6° ugushiraho uburyo bwo guhanahana ibidandazwa mu mice yose yerekeye ubutunzi ;

7° la création d'emplois exigeant des hautes et spécifiques connaissances et des capacités techniques élevées ;

8° des mécanismes de renforcement des capacités ;

9° le recours à la sous-traitance locale ;

10° l'exercice d'activités respectueuses de l'environnement ;

11° les orientations et les niveaux de l'activité proposée en termes d'exportation ou de vente sur le territoire douanier.

7° ugushiraho ubuzi busaba ubumenyi buhanitse kandi bufise ico bwiharije hamwe n'ubushobozi buhanitse mu vyerekeye ubuhinga ;

8° uburyo bw'ukwongerereza abakozi ubumenyi n'ubushobozi ;

9° uguha abo mu gihugu akazi kokozwe n'ishirahamwe ryo mu karere ZES ;

10° ugukora ibikorwa vyubahiriza ibidukikije ;

11° intumbero z'igikorwa cashikirijwe ko kizorangurwa n'urugero rwaco mu bijanye n'ugushorera mu mahanga canke ukugurisha ibidandazwa mu karere k'amaduwane.

## CHAPITRE VI : DU REGIME FISCAL, DOUANIER ET DE CHANGE DES ACTEURS PRIVES DES ZES

## IGICE CA VI : AMATEGEKO AGENGA AMAKORI, AMADUWANE N'UKUVUNJA AMAFARANGA AKURIKIZWA KU BIKORERA UTWABO BAKORERA MU TURERE ZES

### Section 1 : Du régime fiscal

**Article 42 :**
Le régime fiscal applicable aux acteurs privés des ZES titulaires de contrats de promotion, de développement, d'aménagement, de gestion et d'exploitation ou bénéficiant d'un agrément délivré par l'administrateur des ZES est dérogatoire du droit commun, du Code des investissements et de la réglementation sur les zones franches.

Les incitations, les avantages, les privilèges et les exonérations dont peuvent bénéficier les acteurs privés des ZES sont définis par la présente loi ; leur renouvellement est assujetti à l'évaluation des performances des acteurs privés et de leurs modèles d'affaires.

**Article 43 :**
Les acteurs privés des ZES visés à l'article 42 bénéficient des incitations ci-après :

### Agace ka 1 : Amategeko agenga amakori

**Ingingo ya 42 :**
Amategeko agenga amakori akurikizwa ku bikorera utwabo bakorera mu turere ZES bafise amasezerano yo kumenyekanisha, uguteza imbere, ugutegura, ugutunganya n'ayatanga uburenganzira bwo gukorera muri utwo turere canke bafise uruhusha rwo gukora rwatanzwe n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ntibisunga amategeko asanzwe, Igitabu c'amategeko agenga ishingwa ry'imitahe hamwe n'ayagenga uturere ibidandazwa bidatangirwamwo amakori.

Ibikwegakwega abikorera utwabo bo mu turere ZES, uturusho bahabwa, uburenganzira bwo kurihwa imbere y'abandi no gukurwako amakori n'amatagisi bitomorwa n'iri bwirizwa; vyongerwa ikindi kiringo ari uko habanje gusuzumwa ivyo abo bikorera utwabo bamaze gushikako n'ubwoko bw'ivyo barangura.

**Ingingo ya 43 :**
Abikorera utwabo bakorera mu turere ZES bavugwa mu ngingo ya 42 boroherezwa mu buryo bukurikira :

1° le bénéfice des acteurs privés des ZES est exonéré de l'impôt sur les revenus des sociétés ou de l'impôt minimal forfaitaire pendant quinze ans à partir de l'année d'investissement; au-delà, le taux de 10% est appliqué ;

2° les dividendes distribués par les acteurs privés des ZES aux actionnaires non-résidents sont exemptés d'imposition et exonérés de la taxe sur les transferts des fonds en cas d'expatriation pendant toute la période d'exonération prévue à l'alinéa 1 ;

3° au cas où l'acteur privé des ZES réinvestit les bénéfices réalisés dans la ZES après la durée d'exonération de quinze ans, le cinquième des sommes réinvestis est admis en déduction des bases taxables à l'impôt sur les sociétés sur une période de cinq ans ;

4° au cours de la période d'exonération, une durée supplémentaire d'exonération de cinq ans est accordée lorsque les bénéfices réalisés sont réinvestis à la hauteur du tiers de l'investissement ;

5° les actifs immobiliers des entreprises de la ZES sont amortissables suivant le système d'amortissement accéléré. Le taux d'amortissement accéléré est fixé à 40% et l'annuité normale d'amortissement est calculée sur la valeur résiduelle des immobilisations en cause ;

6° les acteurs privés des ZES bénéficient d'une exonération totale de l'impôt foncier sur les superficies bâties ou non bâties pendant une période de dix ans, renouvelable une fois et d'une réduction de 50% du taux dès la 21ème année ;

1° inyungu abikorera utwabo bakorera mu turere ZES baronka irakurwako ikori ku vyo amashirahamwe yinjiza canke ikori rito rishingwa icamaso mu kiringo c'imyaka icumi n'itanu giharurwa kuva ku mwaka batanguriyeko gukoresha imitahe; inyuma y'ico kiringo, aca atangura kuriha ibice 10% ;

2° amafaranga y'inyungu amashirahamwe y'abikorera utwabo akorera mu turere ZES agabanganirizwa abanyamitahe bataba mu gihugu ntatozwako ikori kandi ntatanga amatagisi kumafaranga arungitswe hanze y'igihugu mu kiringo c'uturusho gitegekanijwe mu gace ka 1 ;

3° mu gihe uwikorera utwiwe akorera mu turere ZES ashize mu mitahe amafaranga y'inyungu yaronse mu karere ZES ikiringo c'imyaka icumi n'itanu c'ugukurwako ikori kimaze kurangira, ica gatanu c'amafaranga y'inyungu ashize mu mitahe arakurwa mu yazotozwako ikori ku mashirahamwe ku kiringo c'imyaka itanu ;

4° mu kiringo c'ugukurwako ikori, ishirahamwe rirongerwa ikindi kiringo c'imyaka itanu c'ugukurwako ikori igihe ica gatatu c'inyungu zabonetse cashizwe mu mitahe ;

5° amatungo atimuka y'amashirahamwe yo mu karere ZES aja arabikirwa amafaranga y'ukuyasubiriza igihe ashaje hisunzwe uburyo bunyaruka bw'ukuyaziganiriza amafaranga y'ukuyasubiriza ashaje. Urugero kw'ijana rw'amafaranga y'ugusubiriza amatungo mu buryo bunyaruka rungana n'ibice 40%, amafaranga ategekanywa ku mwaka ku mwaka y'ugusubiriza amatungo ashaje na yo agaharurwa hafatiwe ku gaciro ayo matungo agezeko ;

6° abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barakurwako amakori yose y'agataka ku buringanire bwubatswe canke butubatswe, mu kiringo c'imyaka icumi gishobora kwisubiriza rimwe gusa n'ukugabanywa ku rugero rw'ibice 50% kuva ku mwaka wa mirongo ibiri na rimwe ;

7° les acteurs privés des ZES bénéficient d'une exonération totale de l'impôt sur les revenus locatifs pendant 10 ans, renouvelable une fois. A la fin de la période d'éxonération, ils bénéficient d'une réduction de 50% du taux prévu par le droit commun ;

8° les acteurs privés des ZES bénéficient d'une exonération totale de l'impôt sur les revenus mobiliers, pendant 10 ans, renouvelable une fois. A la fin de la période d'éxonération, ils bénéficient d'une réduction de 50% du taux prévu par le droit commun ;

9° les acteurs privés des ZES bénéficient d'une exonération totale de la retenue à la source sur les dividendes ou les participations aux bénéfices versés par une société résidente à une autre société résidente, aux actionnaires ou aux employés, sur les rémunérations de prestations fournies par des personnes non-résidentes au Burundi pendant 10 ans, renouvelable une fois. A la fin de la période d'éxonération, ils bénéficient d'une réduction de 50% du taux prévu par le droit commun ;

10° les personnels expatriés des acteurs privés des ZES bénéficient, le cas échéant, d'une exonération de l'impôt sur les revenus des personnes physiques en application des conventions applicables en matière de double imposition, et à défaut d'une réduction du taux de l'impôt sur les revenus des personnes physiques à hauteur de 50 % et d'une exonération totale pour les éléments de rémunération ci-après :

a) les indemnités de logement, de repas et de blanchissage ;

b) les pensions de service sous forme de remboursement en cas d'accès et de départ de la fonction ;

c) les indemnités de transport tant à l'intérieur qu'à l'extérieur du pays ;

7° abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barakurwako amakori yose ku mafaranga yinjira ku bikoteshejwe, mu kiringo c'imyaka 10 gishobora kwisubiriza rimwe gusa. Inyuma y'ikiringo co gukugwako ikori baragabanirizwa ibice 50% ku rugero rutegekanijwe n'itegeko rusangi ;

8° abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barakurwako amakori yose atangwa ku mafaranga yinjira ku vyimuka, mu kiringo c'imyaka 10, gishobora kwisubiriza rimwe gusa. Inyuma y'ikiringo co gukugwako ikori baragabanirizwa ibice 50% ku rugero rutegekanijwe n'itegeko rusangi ;

9° abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barakurwako amakori yose ku mafaranga akatirwa iyo ava y'imigabane y'inyungu canke inyungu ishirahamwe rikorera mu gihugu riha irindi shirahamwe rikorera mu gihugu, abanyamitahe canke abakozi, ku mpembo y'ivyaranguwe n'abantu bataba mu Burundi mu kiringo c'imyaka 10 gishobora kwisubiriza rimwe gusa. Inyuma y'ikiringo co gukugwako ikori baragabanirizwa ibice 50% ku rugero rutegekanijwe n'itegeko rusangi ;

10° abakozi mvamahanga bakorera abikorera utwabo bo mu turere ZES, iyo bahari, barakurwako amakori ku mafaranga yinjizwa n'abantu hisunzwe amasezerano akurikizwa mu vyerekeye ugutangishwa amakori incuro zibiri, igihe na ho atagabanirijwe urugero kw'ijana rw'ikori ku mafaranga abantu binjiza ku bice 50 % bakongera bagakurwako amakori yose ku bigize impembo bikurikira :

a) uturusho tujanye n'uburaro, ugufungura hamwe n'uturusho tujanye n'ugusukura ivyambarwa vy'akazi ;

b) ipansiyo z'akazi zifatwa nk'amafaranga asubizwa mu gihe umukozi yinjiye n'igihe avuye mu kazi ;

c) uturusho tw'ukwiyunguruza haba mu gihugu hagati canke hanze y'igihugu ;

d) les frais de formation en langue et les allocations à l'éducation des enfants ;

11° les acteurs privés des ZES bénéficient d'une exonération de la taxe sur la valeur ajoutée, TVA en sigle, pendant cinq ans renouvelable une fois, sur les importations de biens, de matériaux de construction, d'équipements et d'intrants de production qui ne sont pas produits sur le territoire douanier national ;

12° les entreprises situées sur le territoire douanier national qui développent un courant d'affaires avec les acteurs privés des ZES visés à l'article 42 ne sont pas assujetties à la TVA à hauteur du chiffre d'affaires réalisé avec les acteurs privés; elles bénéficient également d'une réduction à moitié de l'impôt sur les revenus des sociétés, sur la partie du bénéfice réalisé et sur le chiffre d'affaires développé avec les acteurs privés des ZES.

**Article 44 :**
Les employés burundais de la ZES sont imposables à l'impôt sur les revenus des personnes physiques dans les conditions de droit commun.

**Article 45 :**
Toute importation de bien et de service de quelque nature que ce soit à destination d'une ZES bénéficie d'une franchise des droits et taxes exigibles au Burundi à l'exception des redevances, pour une durée de 10 ans renouvelable une fois.

d) amafaranga y'ukuronswa inyigisho mu ndimi hamwe n'amafaranga y'ukurihira amashure abana ;

11° abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barakurwako amatagisi ku gaciro kiyongereye ku kidandazwa, TVA mu mpfunyapfunyo y'Igifaransa mu kiringo c'imyaka itanu gishobora kwisubiriza rimwe gusa ku vyinjizwa mu gihugu bijanye n'amatungo, ibikoresho vy'ukwubaka, ibikoresho hamwe n'ibikoreshwa mu kugwiza umwimbu bidahingurirwa mu karere gatozwako amakori mu gihugu ;

12° amashirahamwe akorera mu karere duwane ikoreramwo mu gihugu akorana ibijanye n'urudandazwa n'abikorera utwabo bakorera mu turere ZES bavugwa mu ngingo ya 42 ntibariha amatagisi nyongeragaciro ku kidandazwa (TVA) ku rugero rw'amafaranga yinjijwe mu kiringo kanaka n'abikorera utwabo ; ayo mashirahamwe aragabanirizwa kandi ica kabiri c'ikori ku mafaranga yinjizwa n'amashirahamwe, ku gice c'amafaranga y'inyungu yinjijwe hamwe no ku mafaranga yinjiye mu kiringo kanaka ayo mashirahamwe akoranye n'amashirahamwe y'abikorera utwabo akorera mu turere ZES.

**Ingingo ya 44 :**
Abakozi b'abarundi bo mu turere ZES baratangishwa amakori ku mafaranga yinjizwa n'abantu mu buryo butegekanijwe n'amategeko asanzwe.

**Ingingo ya 45 :**
Igikorwa cose co kugurira mu mahanga ibintu n'ubuzi uko biba bimeze kwose bija mu karere ZES, birakurwako amakori n'amatagisi bitegekanijwe mu Burundi kiretse amafaranga arihishwa mu bijanye n'intwaro mu kiringo c'imyaka cumi cisubiriza rimwe.

## Section 2 : Du régime douanier

**Article 46 :**
Toute entreprise installée dans la ZES, titulaire d'un agrément bénéficie des mesures incitatives portant notamment sur les exonérations des droits et taxes perçus par la douane pour toute marchandise, tout bien ou tout service entrant dans la zone et réservé à l'usage propre de l'entreprise, à l'exception des redevances administratives.

Les marchandises, les biens ou les services importés sont ceux qui ne sont pas produits localement à des normes internationales ou en rapport avec la nature du projet selon les spécifications retenues. De telles importations sont préalablement approuvées par l'administrateur des ZES après avis de l'Office Burundais des Recettes.

**Article 47 :**
Toute importation de biens et de services de quelque nature que ce soit à destination d'une ZES bénéficie d'une franchise totale des droits et taxes exigibles au Burundi pour une durée de 10 ans renouvelable.

**Article 48 :**
Toute exportation de biens et de services de quelque nature que ce soit à partir de la ZES vers un territoire douanier étranger bénéficie d'une franchise totale des droits et taxes exigibles au Burundi.

**Article 49 :**
Les transferts de biens et les transactions matérielles y afférentes entre les ZES établies sur le territoire national burundais et réservés à l'usage propre de ces entreprises sont exemptés des droits et taxes de douanes.

Toute opération portant sur la vente d'un bien ou la prestation d'un service entre entreprises d'une ZES et réservée à l'usage propre de ces entreprises est exemptée des droits et taxes de douanes.

## Agace ka 2 : Amategeko agenga amaduwane

**Ingingo ya 46 :**
Ishirahamwe ryose ryashizwe mu karere ZES, rifise uruhusha rwo gukora riroroherezwa mu bijanye n'ingingo zo kurikwegakwega zerekeye canecane ugukurwako amakori n'amatagisi atozwa na duwane ku kidandazwa ico ari co cose, ikintu ico ari co cose canke akazi ako ari ko kose vyinjijwe mu karere kandi bigenewe gusa gukoreshwa muri iryo shirahamwe, kiretse amafaranga arihishwa mu bijanye n'intwaro.

Ibidandazwa, ibintu canke ubuzi vyinjizwa mu gihugu ni ibidakorerwa mu Burundi hakurikijwe amategeko mpuzamakungu canke bijanye n'uko umugambi umeze hisunzwe ibibiranga bifatirwako. Ivyo vyinjizwa bibanza kwemezwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES, Ikigo c'Igihugu kijejwe gutoza amakori kimaze kugira ico kibivuzeko.

**Ingingo ya 47 :**
Igikorwa cose co kwinjiza ibintu n'ubuzi uko biba bimeze kwose bija mu karere ZES kirakurwako amafaranga n'amatagisi yose bitegekanijwe mu Burundi mu kiringo c'imyaka cumi gishobora kwisubiriza.

**Ingingo ya 48 :**
Igikorwa cose co gushorera mu mahanga ibintu n'ubuzi uko biba bimeze kwose biva mu karere ZES bija mu karere duwane ikoreramwo ko mu kindi gihugu kirakurwako amafaranga n'amatagisi yose bitegekanijwe mu Burundi.

**Ingingo ya 49 :**
Ibikorwa vyo kurungika ibintu no guhanahana amafaranga bijanye bigirwa hagati y'uturere ZES turi mu Burundi kandi bigenewe gukoreshwa gusa n'ayo mashirahamwe birakurwako amafaranga n'amatagisi ya duwane bitegekanijwe.

Igikorwa cose cerekeye ukugurisha ikintu canke ic'ukurangura akazi kigirwa hagati y'amashirahamwe yo mu karere ZES kandi kigenewe gukoreshwa gusa n'ayo mashirahamwe kirakurwako amafaranga n'amatagisi ya duwane bitegekanijwe.

**Article 50 :**
Les ventes des biens depuis les ZES vers le territoire douanier national sont considérées comme des importations. Toutefois, elles peuvent bénéficier d'un régime spécifique de réduction des droits et des taux d'imposition notamment sur la valeur produite ou transformée dans la ZES. Elles peuvent également faire l'objet d'une mesure de restrictions en termes de quota limitatif de ventes afin d'éviter toute distorsion des conditions de concurrence sur le territoire national.

Les mesures visées à l'alinéa 1 sont décidées chaque année par voie réglementaire, après avis du comité paritaire.

**Article 51 :**
Les ventes des biens depuis le territoire douanier national vers la ZES sont considérées comme des exportations et sont soumises au régime d'exonération des droits et taxes de douane et de la TVA.

Les entreprises qui ne produisent pas pour l'exportation, mais qui appuient les entreprises exportatrices, bénéficient d'une franchise douanière totale. La franchise douanière s'applique exclusivement sur les activités réalisées dans la ZES.

Les redevances administratives ne sont pas comprises dans les exonérations.

**Article 52 :**
Les mouvements de marchandises depuis les ZES situées au Burundi vers les pays membres du même espace communautaire que le Burundi sont soumis à la législation en vigueur notamment en matière douanière.

**Ingingo ya 50 :**
Ibikorwa vy'ukugurisha ibintu biva mu turere ZES bijanwa mu karere duwane ikoreramwo mu gihugu bifatwa nk'ukuvyinjiza mu gihugu. Ariko, birashobora gushirirwaho amategeko avyerekeye y'ukubigabaniriza amafaranga asabwa n'urugero kw'ijana rw'amatagisi abitozwako canecane ku gaciro k'icakorewe canke icahinguriwe mu karere ZES. Birashobora kandi gushirirwaho ingingo y'urugero ntarengwa rw'ibidandazwa bigurishwa mu ntumbero yo gukinga ko habaho kwononera abandi mu bijanye n'ukwubahiriza ibisabwa mu guhiganwa mu rudandazwa ku gataka k'igihugu.

Ingingo zivugwa mu gahimba ka 1 k'iyi ngingo zifatwa ku mwaka ku mwaka biciye mw'itegeko, umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana umaze kugira ico ubivuzeko.

**Ingingo ya 51 :**
Ibikorwa vy'ukugurisha ibintu biva mu karere ka duwane ko mu gihugu bijanwa mu karere ZES bifatwa nk'ukubishorera mu mahanga kandi bigengwa n'amategeko ajanye n'ugukurwako amafaranga asabwa n'amatagisi ya duwane bitegekanijwe hamwe n'itagisi nyongeragaciro (TVA) ku kidandazwa.

Amashirahamwe adakora ibigenewe gushorwa mu mahanga, ariko akaba ashigikira amashirahamwe ashora mu bindi bihugu, arakurwako amakori n'amatagisi ya duwane yose. Ugukurwako amakori n'amatagisi ya duwane vyerekeye gusa ibikorwa ayo mashirahamwe arangurira mu turere ZES.

Amafaranga arihishwa mu bijanye n'intwaro ntari mu yo ishirahamwe rikurwako.

**Ingingo ya 52 :**
Uruja n'uruza rw'ibidandazwa biva mu turere ZES turi mu Burundi bija mu bihugu bigize umuryango Uburundi burimwo rugengwa n'amategeko asanzwe akurikizwa na canecane ayerekeye duwane.

**Article 53 :**
Les mouvements de marchandises depuis les ZES situées au Burundi vers les pays membres de la ZLECAF sont soumis aux dispositions, notamment en matière douanière, de l'accord ZLECAF et de ses règlements d'application.

**Ingingo ya 53 :**
Uruja n'uruza rw'ibidandazwa biva mu turere ZES turi mu Burundi bija mu bihugu bigize umuryango ZLECAF rugengwa n'ibitegekanijwe n'amasezerano ya ZLECAF hamwe n'amategeko mperekeza, na canecane ayerekeye duwane.

**Article 54 :**
L'administrateur des ZES crée, en collaboration avec l'Office Burundais des Recettes, un processus de contrôle simplifié sur les importations et les exportations des entreprises de la ZES.

Toute entreprise bénéficiant d'un agrément est tenue de fournir de l'information en rapport avec ses activités à l'administrateur des ZES et à l'Office Burundais des Recettes ou à toute autre autorité habilitée conformément à la législation en vigueur au Burundi.

**Ingingo ya 54 :**
Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rurashiraho, rufadikanije n'Ikigo c'igihugu kijejwe gutoza amakori n'amatagisi, uburyo bworoshe bw'ugusuzuma ibidandazwa amashirahamwe yo mu karere ZES yinjiza mu gihugu n'ivyo ashorera mu mahanga.

Ishirahamwe ryose rifise uruhusha rw'ugukora ritegerezwa kuja rirashikiriza urwego rujejwe gutunganya uturere ZES n'Ikigo c'igihugu kijejwe gutoza amakori n'amatagisi canke urundi rwego rwose rubifitiye ububasha amakuru ajanye n'ibikorwa rirangura hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa mu Burundi.

**Article 55 :**
Tout mouvement, tout transit de marchandises entrant et sortant de la ZES, tout transfert ou toute cession de marchandises, est sujet à la déclaration en douane. Toute perte, toute destruction ou péremption de marchandises d'une ZES doit également faire objet d'une déclaration.

A ce titre, l'entreprise doit disposer d'un registre automatisé de contrôle de son inventaire agréé par l'Office Burundais des Recettes qui enregistre et réconcilie l'entrée, l'admission, l'entreposage, la transformation, le transit, l'expédition et l'exportation ainsi que l'état de paiement des droits et taxes de douanes une fois exigibles sur toutes les marchandises acquises, importées, cédées, déplacées, vendues, exportées ou détruites.

**Ingingo ya 55 :**
Uruja n'uruza rwose rw'ibidandazwa vyinjira canke bisohoka mu karere ZES canke ukubihacisha, ukurungika canke ugutanga uko ari ko kwose ibidandazwa, bitegerezwa kumenyeshwa muri duwane. Igihe cose ibidandazwa vyo mukarere ZES bitakaye, vyononekaye canke bitaye igihe bitegerezwa kumenyeshwa.

Ku bw'ivyo, ishirahamwe ritegerezwa kuba rifise itororokanirizo ryo mu mashini nyabwonko ikora ivyibwirije ry'amasuzuma y'ivyo rikora ryemejwe n'Ikigo c'igihugu kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi candika kikongera kikaroranisha ivyinjijwe, ivyemejwe ko bikwije ibisabwa, ivyashizwe mu bubiko, ivyahinguwe, ivyahacishijwe birengana, ivyarungitswe n'ivyashowe mu bindi bihugu hamwe n'ingene amafaranga asabwa hamwe n'amatagisi ya duwane yagiye ararihwa igihe bisabwa ku bidandazwa ivyo ari vyo vyose vyakiriwe, vyinjijwe, bitanzwe, vyungurujwe, bigurishijwe, bishowe mu bindi bihugu canke vyononywe.

**Article 56 :**
Toute marchandise ayant fait objet de transformation dans une ZES à partir de matières premières, d'intrants, de produits semi-finis ou d'autres matériaux d'origine étrangère en vue de son exportation, est réputée originaire de la République du Burundi pour les fins du certificat d'origine, à condition que cette marchandise satisfasse aux règles d'origine applicables de la législation burundaise en vigueur ou aux traités internationaux dûment ratifiés par l'Etat du Burundi au moment de l'exportation du produit fini.

**Ingingo ya 56 :**
Ikidandazwa cose cahinguriwe mu karere ZES mu bihingurwamwo ibindi, ibikoreshwa mu kugwiza umwimbu, ivyahinguwe bigenewe guhingurwamwo ibindi canke mu bindi bikoreshwa biva mu bindi bihugu mu ntumbero y'ukugishora mu mahanga, gifatwa ko cahinguriwe mu gihugu c'Uburundi mu bijanye n'iseredifika y'amamuko yaco, kigategerezwa kuba cubahirije ivyisungwa vyo mu mategeko y'Uburundi asanzwe akurikizwa canke amasezerano mpuzamakungu yemejwe uko bitegerejwe na Reta y'Uburundi mu gihe c'ugushora mu mahanga icahinguwe.

**Article 57 :**
Les ventes des entreprises de la ZES à destination d'entreprises bénéficiant du régime de la zone franche sont considérées comme des importations et sont assujetties à ce titre à la législation de droit commun.

Les ventes des entreprises bénéficiant du régime de la zone franche à destination d'entreprises de la ZES sont considérées comme des exportations et sont assujetties à ce titre à la législation de droit commun.

**Ingingo ya 57 :**
Ukugurisha ibidandazwa vy'amashirahamwe yo mu karere ZES bijanwa mu mashirahamwe agengwa n'amategeko yo mu karere gatanga uturusho tw'amakori ku bigenewe gushorerwa ahanini hanze y'igihugu bifatwa nk'ukuvyinjiza mu gihugu kandi kubera ivyo, bica bigengwa n'amategeko asanzwe.

Ukugurisha ibidandazwa vy'amashirahamwe yo mu karere gatanga uturusho tw'amakori ku bigenewe gushorerwa ahanini hanze y'igihugu bijanwa mu mashirahamwe yo mu karere ZES bifatwa nk'ibishorwa hanze y'igihugu kandi kubera ivyo, bica bigengwa n'amategeko asanzwe.

## Section 3 : Du régime des changes

## Agace ka 3 : Amategeko agenga ukuvunja amafaranga

**Article 58 :**
Toute entreprise étrangère et ses employés expatriés travaillant exclusivement dans la ZES ont librement accès aux devises étrangères. Ils ouvrent des comptes en devises et en monnaie locale dans une banque commerciale burundaise, reçoivent et effectuent des paiements sur ces comptes suivant les conditions et les modalités précisées par le règlement en vigueur.

Toutefois, les transactions conclues localement et concernant des biens situés au Burundi ou des services rendus au Burundi doivent être effectués en francs burundais et ne peuvent donner lieu à une opération au crédit du compte en devises.

**Ingingo ya 58 :**
Ishirahamwe iryo ari ryo ryose mvamahanga n'abakozi baryo bava mu bindi bihugu bakorera gusa mu karere ZES barafise uburenganzira bwo kuronswa amafaranga mvamakungu. Baruguruza amakonte y'amafaranga mvamakungu n'ayo mu gihugu, mw'ibanki y'ubudandaji, bararihirwa kandi bakarihira babicishije kuri ayo makonte, hisunzwe ibisabwa n'ibikurikizwa bitomorwa n'amategeko asanzwe akurikizwa.

Ariko, ukugura n'ukugurisha bigiriwe mu gihugu kandi vyerekeye amatungo ari mu Burundi canke ubuzi buranguriwe mu Burundi bitegerezwa kugirwa mu mafaranga y'amarundi kandi amafaranga avyerekeye ntashobora gukurwa kw'ikonte y'amafaranga mvamakungu.

| | |
|---|---|
| **Article 59 :**<br>Seules les banques et les établissements financiers disposant d'un agrément de la Banque de la République du Burundi peuvent s'installer dans la ZES. | **Ingingo ya 59 :**<br>Amabanki n'amashirahamwe akora nk'amabanki yemerewe gukora n'Ibanki ya Repuburika y'Uburundi ni yo yonyene ashobora gukorera mu karere ZES. |
| **CHAPITRE VII : DES INCITATIONS LIEES AUX FACTEURS DE PRODUCTION DANS LES ZES** | **IGICE CA VII : IBIKWEGAKWEGA ABANYAMITAHE BIJANYE N'UKUGWIZA UMWIMBU MU TURERE ZES** |
| **Section 1 : Du régime foncier** | **Agace ka 1 : Amategeko agenga amatongo** |
| **Paragraphe 1 : Les terrains de la ZES** | **Agahimba ka 1 : Amatongo y'akarere ZES** |
| **Article 60 :**<br>Les ZES peuvent être développées sur le domaine public ou privé de l'Etat ou sur les terres appartenant à des personnes privées. | **Ingingo ya 60 :**<br>Uturere ZES dushobora gushirwa mu matongo ya Reta akoreshwa ku neza ya bose canke mu yo Reta yiganziye canke mu matongo y'abantu bikorera utwabo. |
| L'Etat met à la disposition des acteurs privés des ZES un terrain libre de toute charge dont la description et la délimitation physique sont fixées par le décret portant désignation de la ZES. | Reta iraha abikorera utwabo bakorera mu turere ZES itongo ata co ritozwako, uko rimeze n'aho rigarukira bigashingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishinga akarere ZES. |
| Sur le domaine public de l'Etat, les contrats conclus avec les acteurs privés des ZES valent titre d'occupation du domaine public. | Mu matongo ya Reta akoreshwa ku neza ya bose, amasezerano Reta igiranira n'abikorera utwabo bakorera mu turere ZES afatwa nk'urupapuro rwemeza ko bakorera mu matongo ya Reta akoreshwa ku neza ya bose. |
| Les terrains du domaine privé de l'Etat affectés doivent faire objet d'une désaffectation. | Amatongo yiganziwe na Reta yahawe abayakoreramwo ategerezwa gukurwa mu mugwi w'amatongo yiganziwe na Reta. |
| Les terres appartenant aux personnes privées doivent faire objet d'une déclaration d'utilité publique. La procédure applicable est celle prévue par le Code foncier en vigueur au Burundi en matière d'indemnisation préalable. | Amatongo y'abantu bikorera utwabo ategerezwa kugirirwa urwandiko rwemeza ko ariko akoreshwa ku neza ya bose. Bikorwa nk'uko bitegekanywa n'Igitabu c'amategeko agenga amatongo asanzwe akurikizwa mu Burundi mu bijanye n'indishi itegerezwa kubanza gutangwa. |

**Paragraphe 2 : Les modalités d'occupation des terrains**

**Article 61 :**
La gestion des terrains des ZES est confiée à l'administrateur des ZES qui agit pour le compte de l'Etat.

Le décret portant création de la ZES vaut autorisation déléguée à l'administrateur des ZES de conclure des contrats de concessions foncières.

L'administrateur des ZES peut conclure des contrats de concessions foncières avec les titulaires de contrats de gestion ou d'exploitation des ZES ou même directement avec les titulaires d'agrément. Les contrats sont annexés à l'agrément.

L'administrateur peut également conclure des contrats de bail avec des acteurs privés non titulaires d'agrément.

La durée de la concession foncière est fixée dans le contrat de gestion, d'exploitation ou dans l'agrément délivré par l'administrateur des ZES.

**Article 62 :**
Les titulaires de contrats de gestion ou d'exploitation peuvent faire louer une partie de leurs terrains à des acteurs privés titulaires ou non d'agréments.

Les acteurs privés des ZES titulaires de contrats de gestion, d'exploitation ou d'un agrément disposent de droits réels pour une durée n'excédant pas la durée du contrat ou de l'agrément, sur les infrastructures et les équipements qu'ils ont développés et financés. Les droits réels peuvent faire l'objet de sûretés pour garantir les seuls besoins du financement de leurs investissements.

**Agahimba ka 2 : Ibikurikizwa mu gukoresha amatongo**

**Ingingo ya 61 :**
Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ni rwo ruserukira Reta mu gutunganya amatongo yo mu turere ZES.

Itegeko ry'Umukuru w'igihugu rishinga akarere ZES rifatwa nk'uruhusha ruha uburenganzira urwego rujejwe gutunganya uturere ZES bwo kugira amasezerano yo gutiza amatongo ya Reta.

Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rushobora kugirana amasezerano yo gutiza amatongo ya Reta n'abafise amasezerano y'ugutunganya canke abafise amasezerano atanga uburenganzira bw'ugukorera mu turere ZES canke n'abafise uruhusha rw'ugukora ubwabo. Amasezerano yagizwe afatanywa n'uruhusha rw'ugukora.

Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rurashobora kandi kugiranira amasezerano y'ugukotesha n'abikorera utwabo bakorera mu turere ZES badafise uruhusha rw'ugukora.

Ikiringo c'ugutiza itongo gishingwa mu masezerano y'ukuritunganya, ayatanga uburenganzira bw'ukurikoreramwo canke mu ruhusha rw'ugukora rutangwa n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES.

**Ingingo ya 62 :**
Abafise amasezerano y'ugutunganya itongo canke ayatanga uburenganzira bw'ukurikoreramwo barashobora gukotesha igice c'amatongo yabo ku bikorera utwabo bafise canke badafise impusha z'ugukora.

Abikorera utwabo bakorera mu turere ZES bafise amasezerano y'ugutunganya itongo, ayatanga uburenganzira bw'ukurikoreramwo canke uruhusha rw'ugukora baba bafise ububasha mu kiringo kitarenga ikiringo c'amasezerano canke c'uruhusha rw'ugukora, ku vyubatswe no ku bikoresho bashizeho kandi batangiye amafaranga. Ububasha babifiseko bushobora gutangwako ingwati kugira haboneke amafaranga akenewe mu bikorwa vyabo gusa.

Les terrains concédés dans le cadre des ZES restent la propriété de l'Etat du Burundi.

Amatongo yatanzwe nk'intizo mu vyerekeye uturere ZES aguma ari aya Reta y'Uburundi.

**Section 2 : De l'énergie, de l'eau, de l'assainissement et la gestion des déchets**

**Agace ka 2 : Amasoko ntanganguvu, amazi, isuku n'ugutunganya ibijanye n'imicafu**

**Article 63 :**

Les acteurs privés des ZES peuvent acheter de l'électricité destinée à leur consommation propre auprès de toute société en charge de la gestion ou de l'exploitation de la ZES ou de producteurs indépendants.

**Ingingo ya 63 :**

Abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barashobora kugura umuyagankuba bakoresha mu bikorwa vyabo mw'ishirahamwe ryose rishinzwe gutunganya canke gukorera mu karere ZES canke ku bawuhingura bigenga.

Les frais de transport ou de distribution de l'électricité, le cas échéant, déterminés sous le contrôle de l'Autorité de régulation de l'électricité et de l'eau sont supportés par l'acheteur de l'électricité.

Amafaranga ajanye n'ugushikana umuyagankuba aho akorera canke kuwukwiragiza, iyo bikenewe, atomorwa bikurikiraniwe hafi n'urwego rujejwe gucungera ivyerekeye umuyagankuba n'amazi arihwa n'uwuguze umuyagankuba.

La gestion du transport et de la distribution de l'eau au sein de la ZES, la gestion des infrastructures et des services d'assainissement ainsi que la gestion des déchets peuvent être confiées aux titulaires de tout contrat de gestion ou d'exploitation de la ZES.

Abafise amasezerano ayo ari yo yose ajanye n'ugutunganya canke ayatanga uburenganzira bw'ugukorera mu karere ZES ni bo bashobora gushingwa ivyerekeye ugutunganya n'ugushikana n'ugukwiragiza amazi mu karere ZES, ugutunganya ibijanye n'ivyubatswe hamwe n'ibikorwa vy'ugusukura hamwe n'ugutunganya ibijanye n'imicafu.

**Section 3 : Du régime du travail dans les ZES**

**Agace ka 3 : Amategeko agenga akazi mu turere ZES**

**Article 64 :**

Les étrangers qui investissent dans la ZES ainsi que le personnel expatrié doivent avoir un visa d'entrée sur le territoire du Burundi.

**Ingingo ya 64 :**

Abanyamahanga bashira imitahe yabo mu turere ZES hamwe n'abakozi bava mu bindi bihugu bategerezwa kuba bafise uruhusha rwo kwinjira mu Burundi.

Un visa d'établissement est délivré aux étrangers qui investissent dans la ZES pour faciliter leur séjour.

Abanyamahanga bazanye imitahe mu karere ZES barahabwa uruhusha rw'ukuba mu gihugu kugira boroherwe kuhaba.

Un visa d'établissement est également délivré au personnel expatrié pour la durée de leur séjour au Burundi, à condition de disposer des compétences particulières non disponibles au Burundi.

Abakozi bava mu bindi bihugu barahabwa na bo nyene uruhusha rw'ukuba mu gihugu rw'ikiringo bamara mu Burundi, bakaruhabwa ari uko bafise ubumenyi n'ubushobozi biharije butari mu Burundi.

**Article 65 :**
Tout acteur privé des ZES doit, à compétence égale, embaucher prioritairement le personnel national.

Les acteurs privés des ZES s'engagent également à faire les meilleurs efforts pour diminuer progressivement le nombre de travailleurs étrangers en les remplaçant par des nationaux ayant acquis les mêmes compétences que les travailleurs étrangers à l'issue de la mise en œuvre du programme spécifique de formation technique et professionnelle destiné au personnel.

**Article 66 :**
La législation du travail en vigueur au Burundi s'applique aux acteurs privés des ZES.

Tout acteur privé des ZES doit contracter en faveur de ses employés une assurance sociale auprès des organismes locaux de sécurité sociale conformément à la législation en vigueur.

Le guichet unique facilite la mise en œuvre d'un protocole d'accord conclu entre l'administrateur des ZES et le ministère ayant le travail dans ses attributions.

## CHAPITRE VIII : DU REGLEMENT DES DIFFERENDS ET DES SANCTIONS

### Section 1 : Du règlement des différends

**Article 67 :**
Les différends entre divers acteurs des ZES sont réglés conformément aux dispositions de la présente loi.

**Article 68 :**
En cas de litige entre l'Etat ou l'administrateur des ZES et les acteurs privés de la ZES, toutes les mesures nécessaires sont prises en vue de régler le litige à l'amiable. En cas d'échec de la conciliation, le litige est soumis au comité paritaire qui intervient dans le cadre d'une médiation.

**Ingingo ya 65 :**
Uwo wese yikorera utwiwe akorera mu turere ZES ategerezwa, ku bakozi banganya ubumenyi n'ubushobozi, gushira imbere abakozi b'abarundi mu gutanga akazi.

Abikorera utwabo bakorera mu turere ZES bariyemeza kandi gukora ibishoboka mu kuja baragabanya bukebuke igitigiri c'abakozi b'abanyamahanga bagasubirizwa n'abarundi baronse ubumenyi n'ubushobozi bumwe nk'abo bamaze kurangiza indinganizo ivyerekeye y'inyigisho zijanye n'ubuhinga hamwe n'iz'umwuga zigenewe abakozi.

**Ingingo ya 66 :**
Amategeko agenga akazi asanzwe akurikizwa mu Burundi ni yo akurikizwa ku bikorera utwabo bakorera mu turere ZES.

Uwo wese yikorera utwiwe akorera mu turere ZES ategerezwa gutegekaniriza impanuka abakozi mu mashirahamwe yo mu Burundi ategekaniriza kazoza abakozi hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa.

Ibiro bimwe rudende bitangirwamwo ibisabwa biroroherereza ishirwa mu ngiro ry'amasezerano y'ukuvyemeza apfundikwa hagati y'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES n'ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo akazi.

## IGICE CA VIII : IVYEREKEYE UGUTATURA AMATATI N'IBIHANO

### Agace ka 1 : Ugutatura amatati

**Ingingo ya 67 :**
Amatati yadutse hagati y'abikorera utwabo batandukanye bakorera mu turere ZES ataturwa hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

**Ingingo ya 68 :**
Igihe habaye amatati hagati ya Reta canke urwego rujejwe gutunganya uturere ZES n'abikorera utwabo bakorera mu turere ZES, harafatwa ingingo zose zikenewe mu ntumbero yo gutorera umuti amatati biciye mu kubumvikanisha. Igihe vyanse ko bumvikana, amatati aca ashikirizwa umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana na yo ikabumvikanisha.

Les règles de procédure devant le comité paritaire sont fixées par ce dernier par voie de règlement intérieur.

**Article 69 :**
En cas de litige entre deux acteurs privés des ZES, ces derniers ont l'obligation de prendre toutes les mesures nécessaires en vue de régler le litige à l'amiable. En cas d'échec de la conciliation, le litige est soumis au comité paritaire qui intervient dans le cadre d'une médiation.

En cas d'échec de la médiation, le litige est réglé conformément aux dispositions du contrat qui les lie.

**Article 70 :**
Les décisions prises par l'administrateur des ZES en toute matière, notamment en réponse à une demande d'agrément ou en cas de sanctions peuvent faire l'objet d'un recours gracieux auprès de ce dernier. En cas de rejet du recours, le litige est soumis au comité paritaire.

Les décisions du comité paritaire peuvent faire l'objet de recours devant les juridictions administratives compétentes.

**Article 71 :**
Le contentieux fiscal et douanier est réglé conformément aux procédures fiscales et douanières en vigueur au Burundi.

**Section 2 : Des sanctions**

**Article 72 :**
L'administrateur des ZES assure le respect des lois et règlements au sein de la ZES.

Amategeko akurikizwa mu kwitura uwo murwi ashingwa nawo biciye mu mategeko ntunganyabikorwa yawo.

**Ingingo ya 69 :**
Igihe habaye amatati hagati y'abikorera utwabo babiri bakorera mu turere ZES, bategerezwa gufata ingingo zose zikenewe mu ntumbero yo gutorera umuti amatati biciye mu mwumvikano. Igihe vyanse ko bumvikana, amatati aca ashikirizwa umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana nawo ukabumvikanisha.

Igihe vyanse ko bumvikanishwa, amatati aca ataturwa hisunzwe ibitegekanijwe mu masezerano abahuza.

**Ingingo ya 70 :**
Ingingo zafashwe n'urwego rujejwe gutunganya uturere ZES mu vyo ari vyo vyose, nk'izerekeye inyishu y'ugusaba uruhusha rw'ugukora canke izerekeye ibihano zirashobora gushikirizwa urwo rwego kugira ruzihindure. Igihe urwego rutavyemeye, amatati aca ashikirizwa umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana.

Ingingo zifatwa n'umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana zirashobora kwungururizwa muri sentare zica imanza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe zibifitiye ububasha.

**Ingingo 71 :**
Amatati yerekeye amatagisi n'amaduwane ataturwa hisunzwe ibikurikizwa vyerekeye amakori n'amatagisi hamwe n'amaduwane bisanzwe bikurikizwa mu Burundi.

**Agace ka 2 : Ibihano**

**Ingingo ya 72 :**
Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ni rwo rujejwe kwubahiriza amabwirizwa n'amategeko mu karere ZES.

L'administrateur des ZES est compétent pour réaliser des investigations, des inspections ou des audits au sein des acteurs privés des ZES, en collaboration, le cas échéant, avec toute autre autorité compétente en charge du respect des réglementations spécifiques applicables dans la ZES, selon les modalités définies dans les textes d'application et dans le règlement intérieur de la ZES.

Urwego rujejwe gutunganya uturere ZES rurafise ububasha bwo kugira amatohoza, kugenzura canke ubwo gusuzuma abikorera utwabo bakorera mu turere ZES, rufadikanije, iyo bikenewe n'uwundi mutegetsi uwo ari we wese abifitiye ububasha ajejwe ibijanye n'ukwubahiriza amategeko avyerekeye akurikizwa mu karere ZES, hisunzwe ibikurikizwa bitomorwa mu mategeko mperekeza no mu mategeko ntunganyabikorwa yo mu karere ZES.

**Article 73 :**

Sans préjudice des dispositions pénales ou d'autres lois notamment en matière fiscale, douanière, de travail ou d'environnement, de santé, de sécurité, d'urbanisme ou de construction, l'administrateur des ZES applique, en cas de violation de l'une ou de l'autre obligation des contrats conclus avec les acteurs privés des ZES ou des agréments, l'une des sanctions administratives suivantes :

1° l'avertissement ;
2° les pénalités dont les montants sont définis par voie réglementaire ;
3° la suspension de l'agrément ;
4° le retrait définitif de l'agrément ;
5° la résiliation des contrats.

Les modalités d'application des sanctions visées à l'alinéa 1 sont précisées dans un règlement d'application des ZES.

**Ingingo ya 73 :**

Hatirengagijwe ingingo mpanavyaha canke ayandi mabwirizwa na canecane ayerekeye amakori n'amatagisi, duwane, akazi canke ibidukikije, amagara y'abantu, umutekano, ugutunganya ibisagara canke inyubako, urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ruratanga, mu gihe habaye ukudakurikiza kimwe canke ikindi mu biri mu masezerano yumvikanyweko n'abikorera utwabo bakorera mu turere ZES canke mu mpusha z'ugukora, igihano kimwe mu bihano bitangwa n'abajejwe intwaro mu kazi bikurikira :

1° ukugabisha ;
2° amahadabu, igitigiri c'amafaranga arihwa kigatomorwa biciye mw'itegeko ;
3° uguhagarika ivy'agateganyo uruhusha rw'ugukora ;
4° ukwaka burundu uruhusha rw'ugukora ;
5° uguha garika amasezerano.

Ibikurikizwa mu gushira mu ngiro ibihano bivugwa mu gahimba ka 1 bitomorwa mu mategeko mperekeza y'uturere ZES.

**Article 74 :**

En cas de violations des textes législatifs et règlementaires en vigueur par les acteurs privés des ZES, l'administrateur des ZES dresse un rapport qu'il transmet à l'autorité compétente pour appréciation et décision, au comité paritaire et au ministre en charge des ZES.

**Ingingo ya 74 :**

Igihe abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barenze ku mabwirizwa n'amategeko asanzwe akurikizwa, urwego rujejwe gutunganya uturere ZES ruragira icegeranyo rushikiriza umutegetsi abifitiye ububasha kugira acihweze yongere afate ingingo, rukongera rukagishikiriza umurwi ugizwe n'impande zompi ku rugero rungana hamwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo uturere ZES.

**Article 75 :**

Les infractions pénales sont soumises aux juridictions compétentes.

**Ingingo ya 75 :**

Ivyaha bihanwa n'amategeko mpanavyaha bishikirizwa sentare zibifitiye ububasha.

## CHAPITRE IX : DES DISPOSITIONS DIVERSES, TRANSITOIRES ET FINALES

**Article 76 :**
Les missions de police et de maintien de l'ordre dans les ZES sont assurées par la force publique.

Les acteurs privés des ZES peuvent disposer des services de gardiennage conformément aux lois et règlements en vigueur.

**Article 77 :**
Les entreprises soumises au régime de la zone franche à la date de promulgation de la présente loi continuent de bénéficier du régime de la zone franche.

Elles peuvent demander leur admission dans les ZES et à ce titre solliciter de l'administration des ZES un agrément à cet effet. Un tel agrément ne peut être émis que si l'entreprise soumise au régime de la zone franche accepte d'installer dans une ZES des activités de production, de transformation et de vente et d'être assujettie au régime fixé par la présente loi.

**Article 78 :**
Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 79 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 28 février 2025**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Domine BANYANKIMBONA.-**

## IGICE CA IX : INGINGO ZITANDUKANYE, MFATA KIBANZA N'IZISOZERA

**Ingingo ya 76 :**
Imirimo y'ugucungera n'ukubungabunga umutekano mu turere ZES ikorwa n'abajejwe umutekano.

Abikorera utwabo bakorera mu turere ZES barashobora gushiraho abacunzi hisunzwe amabwirizwa n'amategeko asanzwe akurikizwa.

**Ingingo ya 77 :**
Amashirahamwe agengwa n'amategeko yo mu karere gatanga uturusho tw'amakori ku bigenewe gushorerwa ahanini hanze y'igihugu kw'igenekerezo iri bwirizwa ritangarijweko abandanya agengwa n'ayo mategeko.

Arashobora gusaba kwemererwa gukorera mu turere ZES kandi kubera ivyo agaca asaba urwego rujejwe gutunganya uturere ZES uruhusha rw'ugukora. Uruhusha nk'urwo rushobora gutangwa gusa ari uko ishirahamwe rigengwa n'amategeko yo mu karere gatanga uturusho tw'amakori ku bigenewe gushorerwa ahanini hanze y'igihugu ryemeye gukorera mu karere ZES ibikorwa vy'ukugwiza umwimbu,- vy'uguhingura n'ivy'ukudandaza no kugengwa n'amategeko ashingwa n'iri bwirizwa.

**Ingingo ya 78 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 79 :**
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 28 Ruhuhuma 2025**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWAKO IKIMANGU CA REPUBULIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**BANYANKIMBONA Domine.-**